# Impamvu Zitandatu Zatumye Gaburiyeli Agendera Daniyeli

Jeffersonville, Indiana, USA
30 Mukakaro 1961 Ku Mugoroba

1 Ariko natangajwe cane no kubona i… abakobwa bacu b'imiyabaga muri kino gitondo, abakiri bato murabizi, twa Fifi na Fefe, abakiri bato… murabizi, bari mu myaka cumi n'itandatu. Baraza gusenga, murabizi, bageze muri iyo… Abakobwa bakiri bato, murazi ko bageze muri iyo myaka baba bashaka kuba beza. Murazi ko baba bafise imishatsi ihinze ku mutwe; nabiboneye: uko navuga ubutumwa, yagenda izinguruka, yongera izinguruka. Haheze akanya vyabaye ngombwa ko bayihindira inyuma kugira ngo bayikure mu maso, utwo dushatsi duhinze twari twahingurutse.

2 Ka gakobwa gato ka mushiki wacu Downing, na-na; nakabonye. Na kaka-ka… kamwe ka mwene Data Collins, kamwe…Mbega burya kitwa nde? Ka… [Umuntu umwe aravuze ati: “Betty”. - U] Betty, ka Betty. Naciye ntwengera mu mutima. Ariko, natubonye twose dusa neza, murabizi, twose twikoze neza, maze haciye akanya, vyari…

Nuko rero, musa neza, bane banje; jewe, ivyo ari vyo vyose, mbona muri beza. Ni ivy'ukuri. Kuba mwiza, ni - ukugira impwemu nziza igutuma uza mu bikorane nk'ibi ukumviriza Ubutumwa bwiza. Ng'ico ikigize ubwiza bw'inkumi. Kandi nibaza ko Umuhungu nyakuri uwo ari we wese akwiye kwabirana na yo tuzoba dusangiye iciyumviro. [Mwene Data Neville avuze ati “Amen”. - U] Urakoze, mushingantahe. Ni vyiza. Hari uwo tuvyumva kumwe. Ni - ni vyo koko. Ni vyiza. Ndizera ko ari Ukuri.

3 Ivyo biratangaje, si vyo ? Nuguruye Bibiliya yanje naciye nshikira ubwo nyene kuri Daniyeli. Nuko, nk'uko bisanzwe nama nsaba abo bose bafise amashati atoboye ko batokura amakoti yabo, rero ndibaza ko rwanje idatoboye. Ariko biramaze kunshikira sinshobora kuyikura, kuko ishati yanje itoboye, ivyo ni vyo vy'ukuri. Ariko nibaza ko iyi idatoboye.

Ubu, oh, ku bwacu, twebwe…Kandi nibaza ko abariko baranyumviriza bavyibaza uko nyene, turashima kubona Mpwemu Yera ari hano muri iki gitondo. Kandi turashima ugufatanya kwa bene Data n'ukuba hano kw'umwe umwe, wese. Mbega ukuntu ari vyiza, mbega ukuntu bibereye, mbega ukuntu ari ivy'igikundiro kuri bene Data kubana hamwe! Ni nk'amavuta y'igiciro ashororokera ku bwanwa bwa Aroni, gushika mu misozo y'impuzu yiwe.

4 Uno musi nagiye kurira muri Blue Boar, none murazi uwo nasanzeyo? Nta wundi atari Mwene Data Bill ari aha, na mushiki wacu Dauch, bari bicaye harya, bariko - bariko bararya inkoko ikaranze iryoshe kurusha izindi zose maze kubona, bari mu bihe vyiza, baryana akanyamuneza, murabizi. Nduze hejuru, nasanzeyo abenshi mu bagize ikoraniro; mbere bagomvye kundihira ivyo kurya. Aho, bari bagize neza vyukuri, ndabishima.

Igihe nashika muhira, Billy yaciye azana isandugu y'itomate umuntu

umwe yari yanzaniye azikuye hariya muri Georgie, irya ntara ipfutse, imwe bahora bambwira ko ipfutse mu gihe nk'iki.

5 Hanyuma, hari umusore twahuriye hanze. Nari mvanye n'abo twariko turabonana kuri uyu muhingamo, maze nca nca ngaha ku rusengero haraheze isaha n'igice, kandi uyo umusore niho yari, umusore akiri muto cane yari hanze, nca mvuga nti : "Harashushe". Yavuze ati: "Vy'-u-ku-ri!" Nari nzi ko avuye muri Géorgie, nuko aravuga ati: "Vy'ukuri harashushe muri Georgie!". Nuko rero, turiko tugerageza guhunga ahantu harusha aho gushuha, si vyo?[ Ikoraniro rivuze ngo : "Amen". - U] Ni co gituma turi ngaha.

6 Murakoze cane, bagenzi banje, kubwo kugira neza kwanyu. Mbega nokora iki ntari kumwe namwe? Vy'ukuri, nokora iki ntari kumwe namwe? Iyo mba ntafise umuntu n'umwe ankunda, umuntu n'umwe yumviriza ubutumwa, ubutumwa bwanje bwose nta co bwobaye bumaze na gato. Sinshobora kububwira inkingi zicako intsinga z'amatelefone, n'ibiti. Ntivyobutahura. Gurtyo rero, harakenewe abantu nkamwe kugira ngo baze kubwumviriza. Maze iyo muje kwicara mu nzu ishushe nk'iyi, maze… Mu gitondo, umugore wanje yambwiye ko yasa n'uwuriko arahira hariya inyuma. Kandi iyo mbona abantu, n'abarwayi rimwe na rimwe, bagumye bicaye mu makoraniro, nk'uku- Imana ize ibahe i-icicaro ciza mu bwiza, ng'iryo isengesho ryanje. Ndizera kandi ndizigira ko izobikora.

7 Ubu rero, turabe gatoya. Ikoti yanje, umuntu umwe yayishize aha. Ndafise ibintu bike vyo gusoma kuri uno mugoroba. Ni bangahe bashima ukuntu dutanguye? [Ikoraniro rivuze riti "Amen", -U] Oh, iyo haba gusa hadashushe, twobandanije, twomaze indwi yose ku - gitabo c'Ivyahishuriwe Yohana. Ndagikunda cane. Ndakimarako umwanya wanje wose. Kandi muze mugume munsengera kuri iyi ndwi, kuko ku w'iyinga uza, nzo… Umwami abishatse, nzotegerezwa kubishikako, ngashira ayo mayinga mu kibanza cayo. Kandi ni ibintu ataco ndabiziko namba. Nuko rero ngiye kwizigira Umwami ko azompa inyishu. Na- narasomye ivyo abantu benshi ba- babivuzeko, bavyanditseko. Narasomye insiguro zagiye zitangwa mu gitabo ca mwigisha Scofield, wa munyabwenge akomeye, ariko hariho vynshi ntemera mu nyandiko ziwe, ivyo nta nkeka, kuko sinshobora kubona ibintu nk'uko. Aho…birakwiye - birakwiye ko biba ari ibintu bifise ishingiro.

8 Ariko, tuvuge iyo muba mwariko muregeranya uduce tw'urubugu rw'ikizungu, maze ubwo nyene mukavuga muti: "Oh, aka kaja aha hejuru. Oya, ndazi neza ko kaja ngaha hejuru." Ubwo rero, mutegerezwa kuraba ico muriko murakora. Nayo ahandi ho - bitari uko, muzosanga mufise ibintu bitagira umutwe n'amaguru.

Kandi, nk'akarorero, hamwe mwofata… mwobaye mufise igicapo

kigereranya imisozi myiza, hariko inka iri mu bushorishori bw'igiti, iriko irarisha? Ntivyoba bijanye, si vyo, kuko mu bushorishori bw'igiti atariho irisha. Gurtyo rero, ni ko bimera iyo mwebwe, iyo Mpwemu Yera adashize ico gice co mu Vyanditswe mu kibanza caco. Aho ni ho tuba dufise ivy'umugambi w'ubucunguzi vyose. Ico ni co nashaka, Ukuri. Kandi, igihe cose tutazomenya ukuri, ivyo tuzobishira ku ruhande, nta bindi. Kandi hanyuma, igihe Imana izoba yatanze ukuri, aho rero ni ho nzoca ndabivugako.

9 Murazi ikintu kimwe? Ndibaza ko Mwene Data Roy Slanghter na - na bamwe bamwe mu batama ba kera, bari hano, bahora baza ngaha haraheze igihe kinini, mu ntango… Ndibaza nko mu myaka itatu canke ine ya mbere y'ibango ryanje ry'igikorwa, aha mw'Ihema, sinashaka no kuvuga ubutumwa ku vyerekeye ukuzimu, kuko si - sinatahura ko hoba ari mu muriro, canke ko hoba ari mu mva. Kandi, igihe cose Ijambo rivuze imva naca ndaba ico risobanura. Ni kuzimu, kuzimu ni "imva". Igihe cose rivuze ukuzimu : "Hades, imva". Ubwo, naciye ndavyihoza gushika igihe nabitahuriye neza vyukuri, maze ico gihe naciye mvuga ubutumwa ku vyerekeye kuzimu ; gurtyo ; igihe nabibona neza vyose vy'ukuri, ni ho naciye mbona ivyo ari vyo. Mu bisanzwe, niyumvira yuko umuvugabutumwa azobazwa n'Imana ivyo abwira abagize ikoraniro, ivyo vyari kugenda gute iyo mba nabatumye bumira ku vyo batari bakwiye kwumirako, maze igihe kimwe ico cishimikizo kigasenyuka ? Murabona. Kandi mu vyo Umwami yanyeretse haraheze igihe, ahari ya mamiliyoni… aho uwavugana nanje yambwiye ati : « Ni wewe uzobanza gucirwa urubanza, ucirirwe urubanza n'Ubutumwa bwiza uvuga. » Naciye mvuga nti : « Mvuga Ubutumwa bumwe n'ubwo Paulo n'abandi bavuze. »

Maze ba bantu amamiliyoni barasemerera n'amajwi arenga bati : « Ivyo ni vyo turuhukiyeko. » Vyari birangiye. Murabibona ? Ni vyo.

10 Maze kuri uyu mugoroba, ngomba mbandanirize aho, kugira ngo ntidutebe cane. Kandi ubu, ntimwibagire. Ubu rero, muri kino gitondo… Ndafise ivyo nanditse hano. Muri iki gitondo, navuze kuri Daniyeli yatwawe ari inyagano, mvuga ivya Gaburiyeli yaje kumuraba ngo amusigurire ivyari bigiye kuzoba. Ng'ivyo ivyo twabonye mu gitondo, ivyo yamutahuje ku vyari bigiye kuba.

Ubu rero, kuri uyu mugoroba, turavuga ku bintu bitandatu vyatumye Gaburiyeli agendera Daniyeli. Ku w'iyinga uza, Umwami abikunze tuzokwerekana ikibanza ca ya mayinga mirongo irindwi uko ibihe vyagiye bikurikirana, bo n'aho tugeze. Kandi hamwe gusa twoshobora kubibona, bikaba ari vyo ata wobikekeranyako, ni ho rero tuzoca tumenya neza igihe

tugezemwo. Yamara, ntituzomenya igihe azozira ; ivyo nta n'umwe azobimenya. Na Yesu ubwiwe nta vyo azi. Yavuze ko ata vyo azi. Yavuze ko ivyo, uwubizi wenyene ari Data. N'abamarayika ntibabizi. Nta n'umwe muri twebwe azi igihe azozira, turashobora kubona i - isaha, igihe tugezemwo, tukamenya ukuntu turi mu kubishikira.

11 Ubu rero, kugira ngo tubihuze n'ivyo twabonye, kubera yuko bene Data bariko barabifata amajwi… Ivyuma biriko birakora hariya mu cumba. Kandi amakasete, nta nkeka, ararungikwa hose.

Ubu rero, mu vyo twize muri kino gitondo, tumaze kuvuga mu ncamake ku bice vya kane na gatanu, twaciye dufata i…dutangura igice c'icenda. None ubu rero, kuri uno mugoroba turabandanya n'igice c'icenda. Imbere y'uko tubitangura, twunamike imitwe akanya gato duheze tuvugane na nyene Ijambo.

12 Mana yacu wuzuye ubuntu, turazi tudakekeranya ko uzi ivyo imitima yacu igambiriye. Urazi igituma turi ngaha. Urazi ko, namba twaje ngaha kuri uno mugoroba, si kubera gusa twibaza ko hoba ari ahantu heza twoza, aho kuruhukira heza twoza, aho kuruhukira gato kuri uyu muhingamo. Data, sinibaza ko hoba hari umuntu n'umwe yoba yaje ngaha afise iyo ntumbero. Ndibaza ko, namba turi ngaha kuri uyu mugoroba, ari uko mu mitima yacu

ata kitwagiriza ikibi, turi imvugakuri kandi ko tugomba kumenya Uku niko Uhoraho Agize. Turagukunda Mwami, kandi turakunda Ijambo ryawe. Kandi hariho

ahantu waduteguriye, ahantu hasakaye, n'impome zikomeye. Turagushima kubw'aha hantu. Mu bisanzwe turizera ko hariho amazu iyo mw'ijuru, iyo turiko turaja. Kandi duca twibuka ba sogokuruza, batari bafise n'aya mahirwe, rero Mwami, iyo n'iciyumviro c'ukwidoga kitujemwo imitima yacu ica yunamikwa n'isoni.

Ubu rero Data, turagusaba ko uduhishurira Ivyanditswe kuri aka kagoroba. Nuze ugendere hafi y'umwe wese muri twebwe kuri aka kagoroba, mu gihe turiko turabandanya tugendera muri iyi nzira. Vugana natwe, nk'uko wabikoreye bamwe bari mu nzira iva i Yerusalemu ija i Emawusi. Maze gurtyo, kuri aka kagoroba, igihe ikoraniro rizoba riheze, dushobore gutaha umwe wese muri twebwe, avuga ati : « Imitima yacu ntiyagurugumba muri

twe, aho twariko turamwumviriza avugana natwe mw'Ijambo ryiwe ! » Hezagira ivyasomwe. Hezagira utwigoro twanje, Mwami. Ugurura

akanwa kanje mvuge ivy'ukuri maze ukugare kuvy'ikinyoma. Ubihererwe icubahiro, kandi uhabwe icubahiro mu bwoko bwawe, kugira ngo babone igihe tugezemwo ico ari co kandi ko Ukuza kw'Umwami Yesu kuri hafi. Kuko tubisavye mw'i - Izina ryiwe, Izina rya yesu Kristo. Amen.

13 Ubu rero, kugira ngo nsubire inyuma gatoyi ku Vyanditswe twasomye, twabonye ko Daniyeli yari yabaye inyagano igihe kirekire c'imyaka mirongo

itandatu n'umunani. Nimuvyibazeko! Ubu rero, muri mwebwe abafise impapuro n'ikaramu z'igiti, batari bavyimuye mu gitondo, murashobora kuvyimura kuri uno mugoroba. Kuva mu mwaka wa 606 gushika ku mwaka wa 538 imbere ya Yesu Kristo. Kuramwo muri 606, hasigara imyaka mirongo itandatu n'umunani iyo Daniyeli yamaze ari mu - buja; atagira ishengero ajamwo, ata butumwa yumva, ata na kimwe. Ariko yari afise ibitabo, imizingo, ivyo Umuvugishwa w'imbere yiwe yari yaravugishijwe, kandi yari - yari Yeremiya.

14 Rero, ariko ariga Ivyanditswe, yarabonye ko igihe casa n'igishize, ko igihe c'imyaka mirongo irindwi… Kandi Daniyeli yarizera icese Ijambo ryose Uvugishwa n'Imana Yeremiya yari yaravuze. Kandi ico mbwira abanyumviriza kuri uno mugoroba, ni iki : Mbega dutegerezwa kwizera abavugishwa n'Imana bacu? [Ikoraniro ryishuye riti: Amen - U] Ego mushingantahe. Kuko, Ijambo ry'Imana riza ku bavugishwa n'Imana bafise Uku niko Uhoraho Agize. Kandi uvugishwa n'Imana w'ukuri ntazokwigera anyuranya n'ivyo uwundi muvugishwa n'Imana yavuze.

Ntibazokwigera bavuga ico Ijambo ritavuze. Bazovuga neza na neza ico uvugishwa n'Imana w'ukuri yavuze. Ico ni co kibagira abavugishwa n'Imana. Nuko rero igihe bamenye ivyo ari vyo, baca babura ikigiye gushika, bazi ko bafise ubwoba mu mitima yabo, kugira ngo ntibavuge ikintu kitari co, cozimiza umuntu. Ntidushaka na gato gukora ivyo. Dushaka kumenya ata nkeka ko twaronse Ijambo ry'Umwami imbere yo kuvuga Uku niko Uhoraho Agize. Murabibona? Butegerezwa kuba ubutumwa ntahinyuzwa, buje buturutse ku Ntebe y'Imana, atari uko ntitwategerezwa kubuvuga.

15 Rero ariko ariga Ivyanditswe, yarabonye ko imyaka mirongo irindwi yasa n'iyarangiye. Rero kuko imyaka mirongo itandatu n'umunani yari iheze ari hariya, hari hasigaye imyaka ibiri gusa, imbere yuko Imana igarura ubwoko bwayo mu gihugu cabwo. Twarabonye ko, mu gihe yari mu masengesho, Umumarayika w'inkomezi yaje ava mw'ijuru. Hari umuntu yombwira izina ryiwe? [Ikoraniro ryishuye riti: Gaburiyeli -U] Gaburiyeli. Yari umumarayika w'ishengero ry'Abayuda. Ni bangahe bazi ivyo? Yama ari Gabuliyeli na ntaryo. Gaburiyeli ni intumwa y'ishengero, ishengero ry'Abayuda; yaraje kuri Mariya, yaraje kuri Zakariya. Yama ari Gaburiyeli. Kandi ni umwe mu bamarayika bakomeye mw'ijuru.

16 Mbega si vyo ko yazaniye mwene Data Daniyeli indamukanyo nziza ivuye ku Mana!‟ Oh, Daniyeli, uri umukundwa!‟ Mwiyumviriye ukuntu Imana ibakunda, mwokwiyumvise neza, si vyo? Naho noba ntari Umukundwa, uko biri kwose ndipfuza kumenya ko nkunzwe iyo hejuru, mweho gute? [Ikoraniro ryishuye riti : Amen - U]. Nta nkeka.

Kuba gato gusa…kuba anyiyumvirako cane vyotuma nkoma akaruru, kwiyumvira gusa ko mfise agaciro kuri We. Kandi vy'ukuri, turazi tudakekeranya ko dufise agaciro kuri we, kuko, "hamwe twari tukiri abanyavyaha, Kristo yarapfuye mu kibanza cacu", mwene Data. None rero, twebwe twari inyambukira ku Mana, ubu yaratwegereje Imana, kandi yaraduhaye ingwati y'agakiza kacu, ni ukuvuga Mpwemu Yera. Kandi muri twebwe, turafise ukwizera kutuduza hejuru y'ivy'isi, maze tukabica hejuru. Ni vyiza cane. Si vyo? ["Amen" Neza cane.]

17 Mu gihe yari mu masengesho, Gaburiyeli yaraje kuri we, kandi ntiyamubwiye gusa ko hari hasigaye imyaka ibiri imbere y'uko basubira mu gihugu cabo, ariko yaramumenyesheje kandi n'ibizoshikira ihanga ryiwe. Muvyibazeko! Ibizoba mu buzima bwose, urugendo rwose kuri iyi si, Gaburiyeli yarasiguriye ivyo vyose Daniyeli. Yaravuze ko yari yatumwe kugira ngo abarire Daniyeli ico kintu gihambaye. Iyumvire ukuntu uwo muvugishwa n'Imana yiyumvise! Kandi yaramubwiye ko amayinga mirongo irindwi yari yagerewe ubwo bwoko, gushika ku guhona; iki ni igihe ca nyuma, vyose biba vyaraheze, haca habaho uguhona. Yaravuze ati: "hariho amayinga mirongo irindwi". Bamwe bizera ko ari amezi, abandi imisi, abandi… Hum! Iyo aba ari amayinga gusa nk'uko bisanzwe, yabaye ari imyaka ibiri n'amezi atatu gusa canke umwaka n'amezi atatu. Kandi, murabona, mu…Ico ni co gituma dukwiye kumenya ivyo ari vyo, namba dushaka kuba mu kuri.

18 Ngo « Amayinga mirongo irindwi yagerewe ubwoko bwawe. » Mu yihe ntumbero? Kubera iki? Yagerewe ubwoko bwande? Ubwoko bwa Daniyeli, Abayuda. None yagezwe kubera iki? Atari kuri Daniyeli gusa, ariko ku gisagara cera ca Daniyeli; murabona, igisagara cera ca Daniyeli. Ubu rero, mbega abanyumviriza barashobora kumbwira ico gisagara cera ca Daniyeli ico ari co? [Ikoraniro rivuze riti: "Yerusalemu"-U] Yerusalemu. Ubu rero, turaja kubona, kumbure ko tuja gutinda tukabibona, kuri uno mugoroba: Yerusalemu yari hehe? Ni nde yubatse Yerusalemu? Mwoba mumaze kuvyiyumvirako? Ni nde yubatse Yerusalemu? Yatangujwe ryari? Turaja kubishikako mu kanya kari imbere. Ni nde yatanguje Yerusalemu? Ah, n'akantu gato cane kanyegeye ahantu, ariko biravugwa neza na neza ngaha. Ni vyo mushingantahe. Ni nde yatanguje Yerusalemu, kandi yatangujwe ryari? Neza cane. Kandi ico ni co gisagara cera ca Daniyeli.

19 Kandi turatahura neza ko ico gisagara, kuva kivumwe ubu haheze imyaka ibihumbi bibiri, kizosubira kwubakwa gisubizweko. Kandi ko na kwa gusenga kwahora gukorwa kuzosubizwaho mu rusengero, nk'uko vyari bimeze mu ntango. Ni ukuri. Yerusalemu izoba ihari kandi n'ikimazi kizohaba, ikimazi co kwoswa cahora gitangwa uko bukeye kizosubira

gutangwa ubundi busha, nko mu gihe ca mbere. Twategerezwa kubona ibitari bike muri ivyo bintu kuri uno mugoroba, canke mbere vyinshi muri vyo.

20 Ubu rero, bagenzi banje, nshaka ko mumenya ko mu kwiga kuri ivyo bintu; mbanza gushira ku ruhande amayinga atari make y'inyigisho, ivyo, nta nkeka. Ariko, ndabica ku masonga kugira ngo, ubushuhe nibwatangura kugabanuka canke mu misi iri imbere, aho tuzotangurira bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, za nzavya ndwi, za nzamba ndwi, ivyo bintu vyose, nshobore rero kuzobibibutsa, mvuga nti : "Muribuka amayinga mirongo irindwi ya Daniyeli, muribuka igihe c'ishengero, igihe riduzwa, n'ibica biba?" Kandi ya Mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli ahera mu gihe c'ihaguruka ry'Ishengero agashika ku kugaruka kw'Ishengero. Ico gihe ni co afata. Ubu rero, ubu rero, si amayinga yose ya Daniyeli; ni igice.

21 "Amayinga mirongo irindwi ya Daniyeli yarashinzwe." Ariko, hariho imvo imvo zitandatu zatumye amugendera, igihe yaza

kumubwira ivyagira bibe. Nuko rero, hariho imvo zitandatu z'ukuza kwiwe. Ubu rero, ndibaza ko kuri uno Mugoroba, tuja gusubira gufata Ivyanditswe twariko mu gitondo, aho twari twabonye ko hariho imvo zitandatu. Aho ni ho turi. Gurtyo rero, twabonye ko hari intumbero zitandatu; imwe muri zo…ubu rero dufate igice ca kane, umurongo wa 4…umurongo wa 4…umurongo wa w'igice ci 9 ca Daniyeli. Amayinga mirongo irindwi agerewe ubgoko bganyu… Ubu rero, nimwibuke, ibi, ni co gihe Abisirayeli bazomara mu rugendo kuri iyi si. Ni ico bagerewe. Hashinzwe amayinga mirongo irindwi gusa. Ni co gihe conyene Abayuda bagerewe…ubgo bganyu n'igisagara canyu cera… Kubw'ivyo, ayo mayinga mirongo irindwi, - ibi ntibibacike, - azokwerekana ivyariho kuva kuri kiriya gihe gushika kw'iherezo ry'Abayuda, eka no gushika kw'iherezo rya Yerusalemu, gushika aho igisagara gishasha kizokwubakirwa. Ubu rero, oh, ndizigira ko kuri uno mugoroba tuja kuvyinjiramwo bihagije agerewe ubgoko bganyu n'igisagara canyu cera, … (kugira ngo habe iki?) … kugira ngw'ibicumuro bishire…

22 Mbega yamubwiye iki, harya? Yagerageje kumenya igihe cari gisigaye. "Ndazi ko turi mu gihe c'iherezo." Ni nka twebwe, muri iki gihe: "Mwami,…"

38.Ni bangahe mu bariko baranyumviriza kuri aka kagoroba, bizera ko turi mu gihe c'Iherezo? Ni muvuge muti: "Amen". [Ikoraniro rivuze riti : "Amen" - U] Murakoze. Turi kw'iherezo ubu rero, dufashijwe n'Imana, turiko tugerageza kumenya igihe gisigaye vy'ukuri. Turi mu misi iyihe? Ni kubw'ivyo twongera tugafata ivyo abo bavugishwa n'Imana bavuze, n'ibindi vyose, kugira ngo tugerageze kuraba aho tugeze. Kandi ni vyo Daniyeli yakoze. Yahindukiriye Imana.

23 Ni bangahe

basomye Daniyeli 9 uno musi? Duza ukuboko. Neza cane. Mwabonye isengesho ryiwe, ukuntu yatuye n'ivyiwe ubwiwe. Yagomba kumenya adakekeranya igihe bosubiyeyo, kuko yashaka gutegurira abantu gusubirayo. Jewe nanje, ico ngerageza gukora, ni ukumenya igihe tuzodugira, no gutegurira abantu kuduga, abazoba biteguye. Kandi twahindukirije amaso yacu ku Mana, mu gusenga no mu kwinginga, kugira tumenye ngo : « Mwami, turi mu gihe ki ? »

24 Twarabonye ivyo bintu vyose bigenda birashika ; turabona ukwononekara kw'isi. Turabona ko igihe kiri hafi. Ivyo… Icanditswe kiri ku rusika, ivyo Imana yavuze vyose. Turumva Umukuru w'igihugu wacu ko hagiye kuba vuba iyindi ntambara, mu gihe gito kiza. Turumva ikimenyetso kibura, yuko, « mu gihe, oh, mu gihe c'amasaha make ngo intambara ibe, baravuga ko amahanga ata kindi azoba akiri atari umunyota utewe n'ibirunga. » Kandi turazi ko ariko biri. Gurtyo rero, turazi ko imbere y'uko ivyo bishika, Ishengero ritegerezwa kubanza kugenda. Gurtyo rero turibaza duti : « Mwami, tugeze hehe ? » Ng'iki igituma nizera ko agiye kuzobitumenyesha. Twahindukiye kugira ngo tumenye. Ubu rero, reka dutangure kumenya. Amayinga mirongwirindwi agerewe ubwoko bwanyu n'igisagara canyu cera, kugira ngw'ibicumuro bishire n'ivyaha birangizwe, n'ibigabitanyo bitangirwe impongano, hazanwe ukugororoka kutazoshira, ivyo weretswe n'ivyavugishijwe n'Imana ngo bimatanishwe ishashara idomwemw'ikimenyetso, ahera cane harobanuzwe amavuta.

Ivyo ni vyo bintu bitandatu vyatumye Gaburiyeli agendera Daniyeli.

25 Ubu rero, tuvyinjiremwo: Ica mbere. Nimba mushaka kuvyandika, mwebwe mufise amakaramu yanyu. Ica mbere ngo: « Kugira ngo ibicumuro bishire. » Ico ni co kintu ca mbere. Gurtyo rero ibicumuro vy'Abisirayeli bishire, ari bo bacumuye ku Mana, kuzoba ari ugukura muri Yakobo mu kutubaha Imana. Gurtyo rero, ivyo kugira ngo tubone ivyo, dufate Abaroma. Igice ca 11 c'Abaroma, maze dutangurire ku murongo wa 21, w'Abaroma Ubu rero, tubona iki? “Guheza ibicumuro.” Abaroma 11 : 21. Ni vyiza cane. Kukw'Imana, itagiriye ikigongwe amashami bwite… (Ni ukuvuga ba nde? Abisirayeli) nawe ntizokikugirira. Gurtyo rero, nimwataha i wanyu, nobasaba ko mwosoma igice ca 11 cose. Jewe, nsome ibi gusa, kugira…Nimwandike igice ca 11 cose, maze mugisome.

… nawe ntizokikugirira. Raba rero ukugira neza kw'Imana…n'ubuhambazi bwayo: … ku baguye n'ubuhambazi, ariko kuri wewe n'ukugira neza kw'Imana, ni waguma mur'ukwo kugira neza kwayo: kuko n'utagira urtyo, nawe…uzohanyurwa, nawe uzohanyurwa. Kandi ba bandi nabo, nibataguma mu ku…, ni bataguma mu kutizera,

bazosubizwako nk'ingurukizi: Imana ishobora kubasubizako.

Murabona, havugwa ko hazoza igihe aho amahanga azohanyurwa maze Abisirayeli baze bongere gusubizwako. Kuko, ko wahanyuwe ku giti cameze ari ikija ca Elayo (abanyamahanga), ugaterwa nk'ingurukizi muri Elayo nziza, mudasangiye ubwoko… Ntitwari ivyaremwe nk'ibindi; inyambukira, tutagira imbabazi, tutagira Imana, ata cizigiro na kimwe. Kandi Imana, mu mbabazi zayo, kugira ngo iduhe amahirwe, kubw'ibicumuro yahanyuye Abisirayeli bari bagororotse, maze ibashira ku ruhande, ikija c'umwelayo…elayo yatewe, maze yinjiza elayo y'ikijakija bidasangiye ubwoko.

… ba bandi babusangiye ntibazorushiriza cane guterwa kuri elayo yabo?

Neza cane, reka tubandanye gusoma. Bene Data, singomba ko mutamenya iri banga, mwoye kwiyita abanyabwenge, n'ivy'uko habaye gukomantaza imitima y'Abisirayeli, ariko si bose, gushitsa ah'igitigiri gikwiye c'abanyamahanga kizokwinjirira mw'ishengero.

26 Abisirayeli barahumishijwe gushika aho Imana izohereza gukorana n'abanyamahanga. Nimba baracumuye cane bakagabitanya ku Mana, ni kubera yuko Imana yabahumye amaso, kugira ngo twebwe, dushobore guterwako nk'ingurukizi. Murabitahura? [Ikoraniro ryishuye riti: "Amen, -ND-E] Ubu rero reka turabe umurongo wa 26. Ni vyaba birtyo, Abisirayeli bose bazokizwa…

Imana yabahumye amaso n'ibigira nkana ku bwanyu nanje. Ntibashobora kubona, kubera yuko Imana yabahumye amaso. Kandi Abisirayeli bose bazokizwa, Abisirayeli b'ukuri, bazokizwa. None Umumarayika yavuze iki? Imana ishimwe! "Kugira ngw'ibicumuro vy'Abisirayeli bishire! Nzanywe no kubabwira ko hari igihe ibigabitanyo vy'Abisirayeli bizoshira." Imana

izohanyura elayo y'ikija, maze izosubizako ishami ry'ukuri ubundi busha. Oh, rimwe na rimwe, umutima wanje uriyanka, iyo mbona abo bantu

bigorewe bari hariya bahanyuwe, batazi iyo bariko baraja maze nkibuka ko Imana mu Mbabazi zayo, yakoze ivyo kubwanje, ngo nshobore gukizwa. Yabahumishije ngo ntibabone Mesiya wabo, yazivye amatwi yabo kugira ngo ntibamwumvire; n'aho vyari uko barabona neza ibitangaza vyiwe, barabona neza ibitangaza vyiwe n'ibintu yakora.

27 Muri Matayo, ku gice ca 12, ndibaza ko ari mu gice ca 8 canke 12 havugwa ngo : "N'aho Yesu yari yakoze ibitangaza vyinshi ntibashobora kwizera." Mu bisanzwe, Imana yari yaravuze iti: "Bafise amaso ariko ntibabona, bafise amatwi ariko ntibumva; kugira ngo ntibarabishe amaso, ntibumvishe amatwi, ngo bahindukire bakire." Ariko? Kugira ngo iduhe amahirwe, twebwe, yahumye amaso abana bayo bwite, yataramuye abana

bayo bwite ku neza, yatumye Mpwemu agenda abavamwo buke buke kugira ngo ishobore kuronka… kugira ngo turonke akaryo ko kubaho, kugira ngo natwe duhabwe Ubugingo. Dusubiremwo umurongo wa 26.

Ni vyaba birtyo, Abisirayeli bose bazokizwa, nk'uko handitswe, ngw'i Siyoni hazova Umurokozi, azokura muri Yakobo ukutubaha Imana;

Ego me, igihe kimwe azohagarara ku musozi wa Siyoni, ku musozi wa Elayono, bazomumenya, kandi ab'Isirayeli yose izomenya ko ari We. Muri ico gihe, ku banyamahanga bizoba birangiye. Iri shami ryatewe nk'ingurukizi, Imana izoryamurako icamwa. Maze iri shami ry'ikija rizo…

28 Maze ubu rero, nimwibuke, haruguru, aho nimwasoma, yavuze ati: “Nimba igishitsi cari icera, maze ico gishitsi kikaba, cari Igishitsi cera ivyamwa bizova kuri ico Gishitsi cera bizokwama na vyo nyene ivyamwa vyera.“ Kandi namba ico gishitsi yari Yesu Kristo, ari we gishiti akongera akaba uruvyaro rwa Dawidi, namba ubwo bugingo bwari muri We bwazananye mu runganwe rw'Abayuda, bukabakurwamwo, amaso yabo agahumishwa kugira ngo twebwe dushobore kubona gurtyo rero, ubuzima bwacu buzotegerezwa kuba icitegererezo c'iryo Shami rihezagiye. Oh ego me, Mwene Data! Ni ivy'ukuri.

29 Imana yabahanyuye n'ibigirankana, kandi yahumye amaso yabo, kugira ngo twebwe, dushobore kuronka uburyo bwo kubona, yaraduhaye akaryo. Kandi hamwe n'ivyo, umuntu agaca yibazako ko hari ico amaze. Aha, Paulo arababwira ati: “Nimwiyubare mu vyo mukora. Nimwiyubare! Kuko, namba Imana itagiriye ikigongwe ishami bwite, mbega izorushiriza gute kugirira imbabazi ishami ry'ikija ryamaze…“ Maze rero tukagenda tuvuga duti: “Jewe, ndi umuperesibiteriyano! Jewe ndi umumetodiste! Jewe, ndi umubatiste! Jewe, ndi umupantekote!“ Ivyo, ivyo nta co bivuze ku Mana. Mutegerezwa kuvuka ubwa kabiri muri uwo Mpwemu Yera ava kuri ca Gishitsi. Ariko yaraje… Yamara, ni mwibuke ko itariko iravuga abanyamahanga. Ibi mbicishijemwo ndengana, kugira ngo ndabereke icatumye abanyamahanga bagirirwa amahirwe.

30 Ariko yaje “kugira ngo ibicumuro bishire”, kugira ngo abirangize. Ubu rero, tugarutse kuri Daniyeli; maze turaja kubona, muri Daniyeli, aha, turaja kubona, umurongo wa 24. Ni ko biri: “Kugira ngo ibicumuro bishire”. Kugira ngo aheze iki? Kugira ngo ibicumuro vy'Abisirayeli bishire. Gucumura ni ugukora iki? Ni uguca kubiri n'ikintu kinaka. Kuncumurako, ni ukungirira nabi. Kubacumurako, ni ukubagirira nabi. Ni uko rero, ab'Isirayeli bagiriye nabi Imana. Kandi, muri iyo yinga ya mirongo irindwi, hazoshika iki? Imana izorangiza ibicumuro vy'ab'Isirayeli. “Kugira ngo ibicumuro

bishire‟, kuzoba ari ugukura muri Yakobo ukutubaha Imana”. Ico gihe

Abisirayeli bose bazovuka ubwa kabiri. Bose bazohabwa Mpwemu Yera.

31 Ubu rero, ikigira kabiri, nimucandike ku mpapuro zanyu. Twoshobora kubitebako cane, ariko singomba gutangura kwigisha kuri

ico cigwa. Ngira ndabibabwire gusa kugira ngo mushobore gutahura ivyo ari

vyo. Kandi, nitwashikira bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, gurtyo rero muzokworoherwa cane ni twiga ivyerekeye Ishengero bimwe bimatanije ca

Gitabo, vya vyago maze tuzomenya ico turi bwishimikizeko. Ni uko.

Ikigira kabiri: “ngw'ivyaha birangizwe.” Ubu rero reka twongere

tubisome muri Daniyeli. …kugira ngw'ibicumuro bishire n'ivyaha

birangizwe,… Ngico ikigira kabiri catumye amugendera. Ubwa mbere, ni

ukugira ngw'ibicumuro vy'ab'Isirayeli bishire; no kugira ngw'vyaha

birangizwe. Abisirayeli bacumuye ryari? Icaha cabo gikomeye bagikoreye

hehe? Batandukaniye n'Imana hehe?

32 Ubu rero, nimwumvirize neza. Turabe muri Matayo 24. Raba aho

Abisirayeli bakoreye ikosa ry'agacamutwe. Raba aho bakoreye icaha cabo

ca nyuma, n'igituma bamerewe uko bamerewe uno musi. Matayo, igice ca

c'Ubutumwa bwiza bwa Matayo, umurongo wa 25 w'igice ca 27. Ico

cegera kirababaza, kiti mur'abo bompi uwo mugomba ko ndabarekurira ni

nde ? Na bo baramwishura, bati ni Baraba. Ubu rero, nimwibuke, aho ni

Abisirayeli « Baraba ». Pilato arababaza ati none Yesu yitwa Kristo, we

ndamugire nte ? (Nimubumvirize !) Bose bati n'abambwe ! Nimwibuke, aho

ni Mesiya na bo, uwo Daniyeli yari yaravuze ko azoza. Muribuka icigwa

cacu co mu gitondo : « Azokurwaho, atari kubwiwe, atari kubw'icaha yoba

yari yarakoze. »

…N'abambwe. Pilato arababaza, ati kuki ? Yakoze ikibi ki? Ariko

barushiriza gusemerera cane, bati n'abambwe. Maze Pilato abonye

kw'arushwa n'ubusa, ariko ko barushirije kuvyura umugumuko, yabira

amazi akarabira imbere y'ishengero, ati jeho ndacuna kubw'amaraso

y'uyu mugororotsi : n'ivyanyu.

Ni mwumvirize! Ehe ng'iri ikosa ryabo. Ehe ng'iki icaha cabo. Abantu

bose baramwishura, bat'Amaraso yiwe araba ari twebwe akora n'abana

bacu.

33 Aho ni ho barikoreye. Yariko ararangiza icaha cabo. Mbega yari gukora

ikindi ki atari kubaharira, azi ko yari yahumishije amaso yabo kugira ngo

twebwe dushobore kwinjira. Ni nk'aho abana biwe bwite boba bariko basaba

amaraso yiwe. Bari barahumishijwe, kandi yari azi ko bari barahumishijwe.

Ni co catumye asaba arira ngo baharirwe ati: “Baharire, Data, kuko batazi ico

bakora.‟ Bari impumyi. Bahumishijwe kubwacu. Ivyo babikoze mu kutizera

kwabo bakoze ivyo. Ariko nibongera kumubona…Amen!

34 “Ivyaha birangizwe”. Icaha, ni iki? Ni ukutizera. Ntibizera ko yari

Mesiya. Ntibashobora kwumva ko yoba Mesiya, ariko yari yarashikije ibimenyetso vyose Mesiya yabwirizwa gushitsa. Ariko ntibashobora

kubibona. Bari impumyi.

Nuko rero, iyo mubona abantu bavuga bati : «Sinizera ugukira kuva ku

Mana. Sinshobora kubibona, ivyo sinshobora kubibona, umubatizo wa

Mpwemu Yera ». Ntimubashavurire : Barahumye. Bavuga bati :

« Ubutumwa bw'Ukuza kwiwe, ivyo sindabibona. Umubatizo wa Mpwemu

Yera, ivyo sindabibona. Uruvyaro rw'inzoka, ivyo sindabibona. Ivyo bintu,

sindabibona. » Barahumye, kandi ntibabizi. Nimubasengere gusa. Ni uko.

35 Mu kutizera ; ariko, nibamubona, aho azogarukira bizoheza ukutizera

kwabo. Oh la !la ! tubanze turabe Itanguriro, igice ca 25… igice ca 45, kugira

turabemwo i - ikigereranyo. Nanditse ikintu kimwe ngaha, Itanguriro 45,

kuri mwebwe mugenda murandika. Oh, mbega ukuntu nkunda ubu butumwa

bwiza bwa kera ! Neza cane. Ubu rero, turazi aho tugeze. Muranyumva neza

uko bikwiye, hariya inyuma ? Nimuduze ibiganza nimba munyumva. Iki

kintu kiri hafi cane.

36 Ubu rero, turaja gusoma agace k'iyo mirongo yo mu Vyanditswe. Muri

mwebwe abadafise Bibiliya zabo, nashaka ko mwokwumviriza. Muri

mwebwe abadafise Bibiliya zabo, ni mw'Itanguriro. Ubwa mbere,

dutangurire ku gice ca 44, guhera ku murongo wa 27. Havugwa Yosefu, kandi Yosefu yari ikigereranyo gitunganye ca Kristo.

Turabizi. Ni bangahe bazi ivyo ? [Ikoraniro rivuze riti : « Amen » -U]

Yanswe na bene Se (kubera iki ?) kuko yari uw'impwemu, yarerekwa,

yarasobanura inzozi. Yari umuntu w'impwemu hagati ya bene Se, gurtyo

rero, baramwanka. Ariko Se wiwe yaramukunda. Yesu nawe, yarankwa

n'amashengero y'amadini, ariko yakundwa na Se Imana. Bamwamnka

kubera iki? Kuko yari uwa mpwemu, ni co gituma… B

37 aravugana, bakavugako “yari umupfumu, - idayimoni.” Muribuka ivyo Yosefu yabwiwe na bene wabo? “Ngurya karosi araje.”

Murabona? Raba, ni co kimwe. Kandi bagurishije Yosefu igiciro kimwe

nk'ico Yuda yagurishije Yesu, intete z'ifeza mwirongo itatu. [Mwene Data

Branham adodoye kenshi aho avugira ubutumwa… U] Bamutaye mu cobo,

maze baja kwiganira Se ko yishwe, ko yapfuye. Ariko yarakuwe muri ico

cobo. Kristo yatawe mu cobo, maze aragikurwamwo. Kandi avuye harya,

yaciye aduga mu cicaro gikomeye cane kuruta ivyari mw'isi vyose. Amen!

Yosefu yaciye aja i buryo bwa Farawo; na Yesu yaciye aja i buryo

bw'Imana. Mu kugeragezwa kwiwe, imbere y'ugushirwa hejuru kwiwe.

Yesu, imbere y'uko ashirwa hejuru, yaciye mu kugeragezwa.

38 Ndibaza ko ari umuvugabutumwa akomeye Billy Sunday, aho, yavuze

ati: "Umusi abambwa muri buri - buri giti hari umuliyoni w'abamalayika, bavuga bati: "Sohora gusa ikiganza mu migozi ikuboshe maze utwakure. Turaja guhindura ukw'ibintu biriko biragenda, aha." Ariko ntiyashobora kubikora.

Kayafa yaravuze ati: "Yarikijije wenyene; ntashobora gukiza abandi." Ntiyamenye ko avuze vyo. Iyo aja kwikiza we nyene ubwiwe, ntiyari gushobora gukiza abandi. Nuko rero, yaritanze kugira ngo akize abandi. Murabona, kuri ivyo bari impumyi rwose. Nuko rero ba…

39 Kandi igihe yari aho, igihe yashirwa hejuru, canke, imbere y'uko ashirwa hejuru, mu kugeragezwa kwiwe. Nimwibuke, Yosefu yashizwe mw'ibohero kuko ataco yagirizwa. Umugabisha w'Umuroma, canke…

Umugabisha w'umwisirayeli yitwa Potifari; Potifari yafashe, yafashe urugendo. Yari afise umugore mwiza, maze umugore wiwe atumako Yosefu mu nzu kugira ngo akore ikintu; aca agerageza gukwegera Yosefu mu bibi. Ariko yabaye umwizigirwa ku Mana. Ndabibabwira, bama bari aho kugira…

40 Mwebwe, abagore, nama nsemerera ndababwira; ubu rero ngira ndabavugire akanya gatoyi. Murabona? Umugore ni igikoresho c'ikinyantege nke. Ndazi neza ko umugabo adashobora gukora nabi atari umugore atanguye gukora nabi. Ariko abagabo barabizi; mwebwe; abagabo, muzi ko muri abana b'Imana, maze mugafata nabi umugore, murateye isoni; ntaco bitwaye ivyo yokora vyose. Ni imbombovu z'inyantege nke cane, kandi murabizi. Iyo atanguye kwigenza mu buryo budakwiye, mufate ukuboko maze muvugane nka mushikawe. Uri umwana w'Imana. Ntukore ibintu bibi nk'ivyo. Raba Yosefu, yababereye akarorero.

41 Nuko rero, umugore wa Potifari, uwo mugore w'akaranga, w'umwubahwa, ari mu kibanza gikomeye, umwe mu bagore bakomeye bo mu gihugu, yaramwinginze, ntako atakoze ngo amujijure. Yarahindukiye maze aca aramufata, aca agerageza kumwikwegerako. Maze yagerageje kwigobotora ku buryo yasize n'umutama wiwe, maze aca ahungira kure yiwe. Ego mushingantahe. Maze agarutse, bamurementaniriza kuri ivyo, bavuze ko yari yaje kumufata ku nguvu, kandi ko yari yasize i…kandi ko yari yasizeho impuzu yiwe. Kubw'ivyo, yaciye ashirwa mw'ibohero. Ariko, mw'ibohero, Imana yari kumwe na we, aho bamushira hose.

Yari ikigereranyo c'Umwana w'umugisha. Ivyo Yosefu yakora vyose vyagenda neza. Kandi aho Yesu azozira muri ya nganji y'imyaka igihumbi,

raba igituma ubugaragwa buzoshurika nk'ishurwe. Ivyo azokora vyose bizogenda neza. Ni umwana w'umugisha. Aho bashira Yosefu hose,

umugisha waba uri aho. Aho Yesu ari hose, umugisha uba aho. Nuko rero, nimumwinjizize mu mutima wanyu, maze muhezagirwe.

42 Kandi rero, na none, turabona ko Yosefu yashizwe mw'ibohero. Maze mw'ibohero, hariho abantu babiri; umwe yarazimiye maze uwundi arakizwa. Aho Yesu yageragezwa, ku musaraba, umusuma umwe yarazimiye, maze uwundi yarakijijwe.

Igihe yashirwa hejuru, yaciye aja i buryo bw'Imana. Igihe Yosefu yashirwa hejuru, yaciye aja I buryo bwa Farawo, kandi nta washobora kuvugana na Farawo atabanje kuvugana na Yosefu kugira ngo aronke uruhusha. Kandi igihe Yosefu yaba avuye mu ngoro… Oh! la la! [Mwene Data Branham akomye amashi rimwe -U]. Igihe Yosefu yaba avuye mu ngoro, baca bavuza inzamba, maze abantu baca bamwitangira imbere bavuga bati : “Pfukame! Yosefu araje!” Amen! Kandi igihe Yesu azozira i buryo bwa nyene inganji ahantu ho mw'Ijuru inzamba zizovuga. Amavi yose azopfukama n'ururimi rwose ruzokwatura ruti : “Yesu araje!” Nta nkeka! Ariko iyo… Kandi, nimwibuke, igihe yankwa na bene Se, yakoze iki? Yatwaye umugore wo mu mahanga; yatwaye umugore w'umunyegiputakazi. Igihe Yesu yakurwa muri bene Se, hariya, Abayuda, yarongoye umugeni wo mu mahanga. Ariko raba ko, haheze imyaka, amaze kuronka abana, Efurayimu na Manase, yari afise umuryango.

43 Raba ko umusi umwe bene Se baje kumutemberera. Raba neza. Turazi uko vyagenze : Yari yashizemwo ka kantu kugira ngo bagatwarane. Kandi yigira nk'uwutazi no kuvuga ururimi rwabo ; yasaba ko bamusigurira i giheburayo, kandi na we nyene yari umuheburayo. Yari murumuna wabo yari yaje. Ntibamumenye. Yari umutware akomeye. Maze muri ako kanya nyene, Kristo ariko aragendera Abayuda, ariko arakiza abarwayi hagati yabo, kandi bose, kandi ntibazi n'ubu uwo ari we, uwo Mesiya. Dutangurire ku murongo wa 27 w'igice ca 44.

Maze data umusavyi wawe aratubarira ati Murazi yuk'umugore wanje twavyaranye abahungu babiri : umwe akaba yaragiye amazimayongo, uwo nyene bariko baravugana, yari Yosefu. …nkibwira, nt'igikoko caramutabaguye, nta kindi, nanje nkaba ntasubiye kumubona ; ati none ni mwanyaka n'uyu, akagira ico aba, muzoba mutumye imvi zanje zimanukana umubabaro i kuzimu.

44 Bari bazanye agahungu gato Benyamini hariya, murumunawe muto. Murazi uwo Benyamini agereranya? Ni urya mugwi mushasha w'Abayuda bo kw'itsitso vyukuri, bariko bakoranira hariya, kugira ngo bakwize bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine, ubwo-ubwo bwoko buriko buratororokana. Simvuga ba basuma bo kw'ibarabara Wall Street, harya, oya, oya; barya, ni nk'imbagwa. Barya, si Abayuda. Barya si Abayuda. Abayuda nyakuri, ni utwo twa Benyamini bariko baraza, bava

hariya, batigeze bumva namba Ijambo rya Yesu Kristo.

45 Nuko none ni naramuka nshikiriye data umusavyi wawe tutari

kumwe n'uwo muhungu, n'ukuntu umutima wiwe yawuhereje

kur'uwo muhungu,

Ubuzima bwite bw'Imana yabuhereje kuri Isirayeli. Yabiranye na yo.

Turaja kubibona mu minota mike, Umwami abikunze. Yabiranye na

Isirayeli. Ubuzima bwayo yabuhereje kuri yo. Nk'uko jewe mfatanye

n'umupfasoni Branham, umugore wanje ari hariya inyuma, kandi nk'uko

namwe mufatanye n'abagore banyu. Ubuzima bwanyu butwikiriwe muri

bo. Imana yabiranye na Isirayeli. None vyari ibiki? Yakobo yavuze ati:

"Umutima wanje uhambiriwe kuri uwo muhungu kandi nawumuherejeko.

Nda…"

Akabona tutazananye;…

Yosefu yashaka kugumya uwo muhungu, murabizi. Iyo nkuru turayizi.

…Yoca apfa : twebwe abasavyi bawe twoba dutumye imvi za data

umusavyi wawe zimanukana umubababro i kuzimu.

Nimwumve ingene Rubeni aca amutakambira ngaha.

Kuko jewe umusavyi wawe nishinze uyo muhungu kuri Data, nti ni

ntamukugarukanira, nzoba ngukoreye icaha kitazomvako gushitsa ibihe

bidashira. None rero ndakwinginze, ndasavye nsigare mu gishingo c'uyu

muhungu,…Oh!la la! Murabona, ari aho imbere ya murumuna we Yosefu

ubwiwe. Ni Yosefu, kandi ntamumenye. Oh, rindira gusa ya nganji

y'imyaka igihumbi itangure mwene Data!

…ubu rero mu gishingo- mbe umuja wawe, mugenzi;… Ni mwumve

yatuye ko ari "Umwami". …Uyu muhungu atahane na bagenzi be. Mbega nosubira nte kuri data, ntari kumwe n'uwo muhungu? Reka noye kuzobona ivyago bizoba kuri

data.

46 Yariko aramutakambira, yariko aratanga ubugingo bwiwe bwite! Abo

Bayuda, bazoba bahagaze aho, bagaranzuye ibiganza! Raba neza. Nimurabe

neza ngaha, 45, umurongo. … Nimwumve neza, ntibibacike. "Yosefu

atagishoboye…" Maze Yosefu ntiyaba agishobora kwiyumanganya imbere

y'abo bahagararanye bose; mwene Data, ibi, n'igihe icaha kizoba kirangijwe.

Ukutizera kuzoba kutakiriho. …aca avuga n'ijwi rirenga, ati Nimutaramure

abantu bose. Nuko ntihagira uwundi muntu n'umwe asigarana na Yosefu,

igihe yibarira bene Se.

None ni iki? Ndetse n'umugore wiwe bwite yasubiye mu ngoro. Oh! la

la! Umugeni aba ari mu bwiza, mu gihe Yesu agarutse (turaja kubibona

ngaha) kugira ngo abibwire.

47 Araturikisha ararira. Vyukuri Yosefu ntiyari agishobora kwigumya, yarasemereye. …Abanyegiputa baravyumva, no kwa Farawo baravyumva. Gushika no mu ngoro, barumvise Yosefu asemerera. Kandi

rero, ivyo,

vyari ikigereranyo ca Yesu Kristo ahuye n'Abayuda, mu gihe azi ko ari We yabahumye amaso, kugira ngo dushobore kugira amahirwe. Ariko aho azogarukira muri bo, icaha ca Isirayeli kizoba gishize. Yosefu abarira bene Se, at'erega ni jewe Yosefu! Mwibaza ko Yesu azovuga iki? “Ndi Mesiya wanyu. Ndi umwe mwabamba.“ …Aho data aracariho? Bene se babura ico bavuga, kuko barandutse imitima kubona bar'imbere yiwe.

48 Oh, birakwiye ko mpagarara akanya gato ngaha. Dufate Zekariya, ku gice ca 12. Ubu rero turabire hamwe igitabo ca Zekariya, igice ca 12 ca Zekariya. Kumbure ko mfashe akanya katari gato mvuga kuri ivyo, ariko ndi - ndizigira ko atari vyo. Nsha-nshaka cane ko mwobitahura.

Zekariya, dufate igice ca 12 ca Zekariya, maze turabe ico azovugira hariya, aho azohagararira imbere ya bene Se. Zekariya 12, umurongo w'10.

“Icaha kirangizwe” rero. Neza cane, igice ca 12, umurongo w'10.

49 Raba neza. Ubu rero, aha, avuga ku masigarira ya Isirayeli; icicaro ca Yerusalemu; ca gikoko n'ingabo vyakuweho, n'ibindi; ubu rero, vyose bishitse kw'iherezo; ni nka ya Nganji y'imyaka igihumbi, aha, ya Nganji y'imyaka igihumbi iri hafi gutangura ubu nyene. Kandi nzosuka ku nzu ya Dawidi no ku baba i Yerusalemu impwemu (y'iki?) y'ubuntu… Amen!

Ubuntu butangaje! …ku nzu …no ku baba i Yerusalemu (ca gisagara cera ca Daniyeli) impwemu y'ubuntu n'iyo gusenga; kandi bazokwitegereza uwo bacumise; bazomuborogera nk'uborogera umwana wiwe w'ikinege, bamurware akabonge nk'ukarwazwa n'imfura yiwe.

50 Nimwumve ibi, mbega umuborogo uzohaba aho azohagararira hariya, abibwira nk'uko Yosefu yabigize! Nimwumve. Kuri uwo musi hazoba umuborogo ukomeye i Yerusalemu, nka ya maborogo yabaye i Hadadi - Iryo zina rirananiye kuvuga, Ha-da-di-ri-mo-ni…

…Hadadi-rimoni mu kiyaya c'i Megidoni. Kand'igihugu kizoboroga, umuryango wose ukwawo; umuryango w'inzu ya Dawidi ukwawo, n'abagore babo ukwabo; umuryango w'inzu ya Natani ukwawo, n'abagore babo ukwabo; umuryango w'inzu ya Lewi ukwawo, n'abagore babo ukwabo; umuryango w'abashimeyi ukwawo, n'abagore babo ukwabo; n'iyindi miryango yose isigaye, umuryango wose ukwawo, n'abagore babo ukwabo. Bazokwumva ibimaramare, igihe bazoba bari harya, maze bakabona wa wundi nyene babamba kandi bakamuhakana ahagaze aho; Yosefu wabo mukundwa. Hazoba amaborogo! Kandi ni ho bazovuga bati: “Izo nguma ufise n'iz'iki?“

Yaravuze ati: “Mu nzu y'abakunzi banje” Murabona ico nshatse kuvuga? Kugira ngo icaha kirangizwe, n'ukutizera kurangizwe, ico ni co gituma aza.

51 Maze muri uwo mwaka wa mirongo irindwi wa Daniyeli, na ko iyinga rya mirongo irindwi, aje kugira ngo arangize icaha, ngo agikureho. Ubu mwabitahuye? Ica mbere, ni ikihe? "Kugira ngw'ibicumuro bishire." "Kugira ngw'ivyaha birangizwe‟. Ubwa gatatu : "Ibigabitanyo bitangirwe impongano.‟ Kuri bamwe muri mwebwe bagenda bandika. Kandi nari mfise hafi iyindi mirongo itandatu yo mu Vyanditswe ijanye n'ivyo, ariko ngira ndayisimbe, kuko hashushe. Ntidushaka gufata umwanya munini. Nshaka tubone vyinshi bishoboka, ariko ntabafatiriye umwanya munini. Ni vyiza cane.

52 "Kugira ngw'ibigabitanyo bitangirwe impongano." Ukugabitanya, ni ugukora ikibi‟, nk'uko babigize ku musaraba. Yaratanze impongano, ariko ntizobashikako. Ntiyabashitseko. Kubera iki? Kuko bari barahumishijwe, bakaba batashobora kumubona. None ni kubera iki bari barahumishijwe? Muvuga muti: "Erega, kumbure uno musi…ni kubera ndi impumyi." Muri impumyi n'ibigira nkana. Bo, bari impumyi kuko Imana yari yabahumye amaso. Ariko mwebwe, namba muri impumyi, muri impumyi n'ibigira nkana. Kuri mwebwe nta mpongano. 'Nimutizera ko ndi We,‟ niko Yesu yavuze, "Muzopfira mu vyaha vyanyu." Ni ko biri koko.

53 Ubu rero, dufate Zekariya ku gice ca 13. Ubu rero twumve ngaha. "Gutanga impongano". Ubu rero, aho…nari nashatse ko umuntu umwe yumva ibi- yumva ibi, ariko kumbure ko Umwami aja kubitunganya uko bigenda kwose.

Kur'uwo musi, ab'i…

"Kur'uwo musi." Umwigisha Scofield, ico avuga ngaha mu vyo yanditse, canke nk'umutwe w'amajambo, ni: "Amasigarira y'abisirayeli… Amasigarira y'abisirayeli, yihanye atumbereye ku musaraba.‟

"Kugira ngw'ibigabitanyo bitangirwe impongano." Ukugabitanya, ni igihe mwakoze ikintu kibi, kandi mwari muzi ko mutategerezwa kugikora. "Ngabiye gukora ibigabitanyo mu mutima wanje, Imana ntizonyumvira."

54 Ubu rero, muri Zekariya, igice ca 13, dutangurire ku wa mbere, ku murongo wa mbere. Kur'uwo musi ab'inzu ya Dawidi n'ababa i Yerusalemu bazotoborerwa imbizi yo kuboza ivyaha n'ubuhumane.

Inzu izokwugururwa. Tubandanye (twari gushobora kuhasoma hose), nshaka ko mwohandika kugira ngo muhasome. Ariko, ni uko, ivyo nimuye ngaha, ni uguhera ku murongo wa 6 tugasoma gushika ku murongo wa 10. Ni vyiza cane, ubu dusome, maze turabe…ahubwo dusome gushika ku murongo wa 9,

Kandi bamubajije, bat'izo nguma zo mu biganza vyawe n'iz'iki?

Nawe azokwishura, ati n'izo… (turabe gatoyi)… azokwishura, ati

n'izo nakomerekeye mu nzu y'abakunzi banje. Ikangure, wa nkota we, urwanye umwungere wanje, urwanye umuntu mugenzanje, ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize; kubita Umwungere, intama zisanzare; kandi n'imyagazi nzoyihindurirako ukuboko kwanje.

55 Kandi rero, Yesu yarasubiyemwo iki gice co mu Vyanditswe. Murabibona, "Kubita umwungere, intama zisanzare." Ariko ihweze neza igice gikurikira. Yari yagisubiyemwo gushika aho gusa. Ariko ihweze ibivugwa mu ryungane rikurikira, mu gice gikurikira. "Kandi n'imyagazi nzoyihindurirak'ukuboko kwanje." Ni iki? Ni wa mugwi wa Benyamini

uriko uratororokana; kandi n'imyagazi nzoyihindukiriirako ukuboko kwanje."

"Kubit'umwungere." Abisirayeli, ubwa mbere Abisirayeli bakubise umwungere, ari co catumye intama zishwiragirira mw'isi yose. Ariko Imana yaravuze iti : "Nzohindurirak'ukuboko kwanje, kugira ngo nje kurondera imyagazi mu misi ya nyuma." Ryari? Igihe ibicumuro bizoba vyatangiwe impongano. Abisirayeli bazokizwa; bazokizwa bose.

56 Dufate muri Yesaya, i, Yesaya,

igice ca 66 co muri Yesaya, maze dusome akanya gato. Turaja kubona ico Imana ivuga ku vyerekeye agakiza k'Abisirayeli, igihe cashinzwe kugira abisirayeli bakizwe uko bangana. Raba ukuntu bizokwihuta cane. Muri Yesaya ku gice ca 66 no ku murongo wa 8. Nimba mushaka kugisoma cose, ni vyiza cane.

Ni nde yigeze kwumva ibimeze birtyo? Ni nde yigeze kubona ibisa birtyo? Mbeg'igihugu covukira…umusi umwe… Umusi umwe ?...

Ariko Siyoni ho habaye hakiramukwa haca havyara abana !

Siyoni ikibona ko yari Mesiya wayo, yaciye ivuka ubwa kabiri, mu musi umwe. « Gutangir'impongan'ivyaha, no gutangira impongano ibigabitanyo, ubuhumane » Oo bagenzi! ivyo bari barakoze vyari bibi, vyari bimeze nabi. Ibigabitanyo vyabo vyaratangiwe impongano.

57 Ikigira kane « Kugira ngo hazanwe ukugororoka guhoraho. » Ng'ico ikintu ca kane camutumye aza. Ikigira kane yaje gukora : « Kugira ngo hazanwe ukugororoka guhoraho «Kugira ngw'ivyaha birangizwe, kugira ngo hatangwe impongano, no kugira ngo hazanwe ukugororoka guhoraho. » Ibicumuro vy'Abisirayeli aho bizoba birangiriye… Ibicumuro vy'Abisirayeli…

Ubu rero tugira…nagomba ko mutahura ibi, kuko aho tuja kuvugira ivya wa mugore, n'ivya ca gisato cakorowe, ni kuri uwo murongo nyene wo mu Vyanditswe tuja kwongera kwishimikiza ngaha. Nimwandike neza. Icaha c'Abisirayeli kimaze kurangira, Satani, ari we murezi wabo n'umurezi wacu, Satani azobohwa i kuzimu. Ryari? Bizoba ari ibiki ? Igihe ukugororoka

guhoraho kuzozira, ikintu kidashobora kugira iherezo. Ico gihe ivyatumye haba ukugabitanya vyose bizokurwaho.

58 Dufate Ivyahishuriwe Yohana, ku gice ca 20 no ku murongo wa 13, akanya gato, maze tuhasome akanya gato. Ivyahishuriwe Yohana…kuva ku murongo wa 1 gushika ku wa 3. Sinari nabonye ako kamenyetso gato hagati y'iyo mirongo ibiri. Icuya kiriko kirancuncubuka mu maso. Ivyahishuriwe Yohana igice ca 20, maze tuharabe gato.

Mbona umumarayika amanuka avuye mw'Ijuru, afise urupfunguzo rw'i kuzimu, afise n'ikinyororo mu minwe. Afata ca gisato, ni co ya nzoka ya mbere, ni yo Murwanizi irindi ni Satani, akiboha ngo kimare imyaka igihumbi, agikororera i kuzimu, arahadadira, ashirakw'ikimenyetso kikirumanya, kugira ngo nticongere kuzimiza amahanga; gushitsa ah'iyo myaka igihumbi izoshirira: ni yashira gikwiye kubohorwa ngo kimare igihe gito.

Azane igihoraho… "Kugira ngo hazanwe ukugororoka guhoraho. Satani ari i kuzimu. Maze ikoze ivyo, ishira ikimenyetso kuri wa murwanizi yazimije abantu.

59 Ubu rero, tugaruke dufate muri Habakuki, ku gice 2. Habakuki, igice ca 2. Kandi aho, turaja kubona icatumye yashize ikimenyetso kuri ya nzoka ya kera, n'icatumye ivyo bikorwa, n'igica gishika ubwo nyene amaze gushirwako ikimenyetso. Ivyo ndabikunda. Mweho? [Ikoraniro ryishuye riti: "Amen"- U] Ivyo ivyo bituma tumenya ikintu kanaka. Nibaza ko ngira nsome muri Habakuki; Habakuki igice ca 2 umurongo wa 14. Ibi nivyashika…Raba neza.

Kuko kumenya icubahiro c'Uhoraho kuzoba kwuzuye mw'isi, nk'ukw'amazi abugereye mu kiyaga.

Oh, la la! [Mwene Data Branham akomye amashi kabiri - U] Fyu! Mu yindi mvugo, igihe umwansi azoba yugaranywe, icaha kizoba kirangiye, ukugororoka guhoraho kuzozanwa, Satani azoba yabohewe i kuzimu, kandi kumenya Uhoraho kuzoba kwuzuye mw'isi nk'ukw'amazi abugereye mu kiyaga. Amen! Imana ihabwe icubahiro! Biregereje, mwene Data, biregereje! Abagore bazoba abapfasoni, abagabo na bo babe abashingantahe. Amen!

Igihe kumenya Uhoraho kuzoba kwuzuye isi, ikiyaga n'ijuru;
Kandi oh, umutima wanje uranihira,
Wipfuza kubona uwo musi w'ugucungurwa aho Yesu wacu azogarukira kw'isi.

Amen! Ni vyiza. Nuko rero, maze ico gihe, izoba ari ya Nganji y'imyaka igihumbi. Ni igihe ca ya Nganji y'imyaka igihumbi, aho igisagara gitegerezwa kwubakwa. Ikigira kane. Ndacafise kandi hafi imirongo itandatu yo mu Vyanditswe ariko turaja kwihuta. Nitwabigarukako, ndaja gufata iyo

yindi mirongo; ariko n'ukugira gusa ngo ndabahe iciyumviro nyamukuru.

60 Ikigira gatanu: "Kugira ngo ivyo weretswe n'ivyavugishijwe n'Imana bimatanishwe ishashara idomwemw'ikimenyetso." Murabona, Umumarayika yaje kugira ngo ivyo yeretswe n'ivyavugishijwe n'Imana bimatanishwe ishashara idomweko ikimenyetso. Ibi si - sinkunda kubivuga. Ariko hariho umwanditsi umwe ahambaye, uwo namye nsoma ico yavyanditseko umusi umwe, vyose yari yabivangavanze vy'ukuri! Yaravuga ivyo ari vyo. Nuko rero, nta kindi Atari kubereka ubupfu… Oh, mumbabarire sivyo nashaka kuvuga. Mumbabarire. Si vyo nashaka kuvuga; vyukuri si vyo. Oya. U-UUmuntu adasizwe amavuta, murabona ; uwo mugabo yavuga ati : « Murabona aha ko ukwerekwa n'ukuvugishwa vyama bihabwa ishengero ry'Abayuda. » Kandi yavuga ati : « Bisigura ko guhera mu gihe ca Daniyeli, inyuma ya Daniyeli, hatasubiye kubaho ukwerekwa canke ukuvugishwa. » Yavuga ko « ibi bintu vyose bavuga uyu musi, iyo bemeza ko boba berekwa bakavugishwa, ko ivyo vyose biva kuri wa murwanizi, ko ukwerekwa n'ukuvugishwa, ivyo bitabaho. » Mwene Data, habayeho abavugishwa barenga cumi na babiri inyuma ya Daniyeli. Habayeho Yohani Umubatizi. Habayeho Yesu Kristo. Harabayeho ba bavugishwa n'Imana bose bo mw'Isezerano risha, harabayeho ukwerekwa, harabaho n'abamarayika. Murabona, bigenda gute ngo umuntu avuge ikintu nk'ico ? Ariko, murabona, bihera ku kwikunda gusa, bakagerageza kuremereza ikintu abantu, bakabigira inyigisho ntoyi y'ishengero, canke ikintu kitagira insiguro, maze abantu bakabifata nk'aho ari vyo. Kandi, iyo abantu badafise Mpwemu Yera, baca bazimizwa n'ivyo.

61 None rero, ntidufate ivyo umuntu yavuze. Tubandanye, nta murongo n'umwe wo mu Vyanditswe uvyemeza. None, noshobora kuvyemera gute? Nuko rero, turabe neza na neza ivy'uko gushirwako ikimenyetso. Raba neza! Ico ni co catumye aza, kwari ukugira ngo ivyerekanywe n'ivyavugishijwe n'Imana bimatanishwe ishashara idomwemweko ikimenyetso.

Ubu rero, tugaruke mu gitabo ca Daniyeli, aho twari turi mu kanya gaheze. Mu gitabo ca Daniyeli, turaja kubona neza na neza ibivugwamwo. None rero, dufate muri Daniyeli, ku gice ca 12. Nuko mu gihe turiko turarondera aho muri Daniyeli 12 hari, twoshobora gutangurira, gusoma guhera ku… Nimwataha iwanyu, nagomba ko muhasoma, uhereye ku murongo wa 1. Tuhasome rero, guhera ku murongo wa mbere gushitsa ku murongo wa 4.

Maz'ico gihe Mikayeli azohaguruka, ni we mugabisha ahagarariye ubwoko bwanyu;…

Kandi rero, ibi biba mu gihe c'iherezo. …kandi hazoba igihe c'umubabaro utigeze kubaho, uhereye

igihe

amahanga yabereyeho… Aha, ni igihe Antikristo, urya agendera
kw'ifarasi wo mu ca mbere kimatanije ca Gitabo aseruka, atanguye
gukora.

…Ukageza ico gihe.

Atari ca gihe Titusi yigarurira impome za Yerusalemu. Aha, hari mu karere
kamwe. Raba neza igihe uwo Antikristo, uwo Segaba yategerezwa kuza, raba
neza aho uwo, azozira.

… Ukageza ico gihe. Arikw'ico gihe umuntu wese wo mu bwoko bwanyu
azoboneka ko yanditswe mu gitabo azorokoka. Haleluya! "Ubwoko bwawe,"
Isirayeli, "ko yanditswe mu gitabo."

Kandi benshi bo mu bazoba basinziriye mw'ivu hasi
bazokwikangura, bamwe bikangurire ubugingo budashira, abandi
bikangurire ubumaramare n'ibiteterwa bitazoshira.

62 Turabe, ni gute hari gushobora kuba igihe Titusi yigarurira impome z'i
Yerusalemu? Vyari gushoboka gute? Ntibishoboka. Murabona ko avuga ku
gihe ca nyuma ku gihe c'ukuzuka. Si vyo? Ni uko.

Kand'abagize ubwenge bazokayangana nk'ugukayangana kwo
mw'itazanure ry'ijuru, n'abashikanye benshi ku bugororotsi
bazokwaka nk'inyenyeri ibihe bitazoshira.

Nimwumve! Ng'uku, ugushirwakw'ikimenyetso nyakwo, kw'ukuri.

Nuko rero wewe Daniyeli, gumiza ayo majambo muri ntibate,
umatanishe ishashara igitabo cavyo udomemw�"ikimenyetso,
gushitsa igihe c'iherezo.

63 Ni ibiki? Oh, Haleluya! Mbega abanyumviriza barabibona? Uku
guhishurirwa kwa Yesu Kristo, n'ukw'ubushobozi bwiwe, n'ukw'ukuza kwiwe
kwo mu gihe ca nyuma, kwaramatanishijwe ishashara idomwemwo ikimenyetso
gushika ubu. Nico yaje gukora. Vyahishijwe abanyabwenge; ntibitangaje
kubona barondera kugushira hariya bakavuga ko ivyo bisigura ngo "nta
wuvugishwa n'Imana ariho", kandi ivyo vyose bakabishira mu gihe carenganye.
Ntibifashe. Ariko ukwerekwa, uku kwerekwa, kwadomweko ikimenyetso
gushika aha, gushika ubu. Kandi ni co gituma nibaza kubw'ukwizera ko Imana
izohishura ayo mayinga mirongo irindwi. Amen! Yavuze ati: "Ukimatanishe

ishashara idomwemwo ikimenyetso; gushitsa ku gihe c'iherezo. Gumiza aya majambo muri ntibate, umatanishe ishashara igitabo cavyo

udomemw'ikimenyetso, gushitsa igihe c'iherezo."

64 Yakoze iki? Kugira ngo ivyo yeretswe n'ivyavugishijwe n'Imana
bimatanishwe ishashara idomweko ikimenyetso! Daniyeli yari yaravugishijwe
ivyo bintu. Yari yarabibonye mu kwerekwa, kandi umumarayika yaramanutse

kugira ngo amatanishe ishashara idomweko ikimenyetso ivyo yeretswe yongera amatanishe ishashara idomwemwo ikimenyetso ivyavugishijwe. Barashobora kubisoma, ariko ntibashobora kubitahura, gushika mu gihe c'iherezo. Igihe c'iherezo; igihe c'iherezo, ni iki? Ni iherezo ry'iyinga rya mirongo irindwi, mu gihe Segaba, uwo Antikristo, azohishurwa, muri ico gihe nyene, akiyita Imana. Tumenya gute ko bimatanishijwe ishashara idomweko ikimenyeto gushitsa muri ico gihe? Daniyeli ahejeje kurangiza; iki n'igice ca nyuma ca Daniyeli.

65 Mushiki wa Simpson yamye ambwira, kuri uyu muhingamo, yamye avuga ati : "Mwene Data Branham, narasomye igitabo ca Daniyeli cose. Maze kukirangiza, nta - nta vyinshi nari nzi biruta ivyo nari nzi ngitangura". Ng'ibi ivyo ari vyo mushiki wacu Simpson, namba uri ngaha kuri uno mugoroba. Umenga ndamubona aho yicaye hariya. Mu modoka nta na kimwe navuze. Nahoze, kuko nibwiye ko nja kubishikako. Ariko ivyo Daniyeli yerekewe hariya ku kiyaga, vyamatanishijwe ishashara idomweko ikimenyetso. "gushika ku gihe c'iherezo." Ni … Ico ngira nkore, ngira ndabisome. Murabibona?

Nuko rero wewe Daniyeli gumiza ayo majambo muri ntibate,
umatanishe ishahsara igitabo cavyo udomwemw'ikimenyetso,
gushitsa igihe c'iherezo, ni ho benshi bazoserangura muri co,
kand'ubwenge buzogwira. Maze jewe Daniyeli nditegereza, mbona
abandi babiri bahagaze, umwe ku nkombe yo hakuno y'uruzi,
uwundi ku yo hakurya. Umwe abaza wa muntu yambaye impuzu
zera, yari hejuru y'amazi y'urwo ruzi, at'ivyo bitangaza bizoshitsa
ryari?

Ubu rero ni mwumve neza.

Mbona wa muntu yambaye impuzu zera, yari hejuru y'amazi
y'urwo ruzi, amanika ukuboko kw'iburyo n'ukw'ibumoso, ayatunga
mw'ijuru ; numva arahira Ibaho ibihe bitazoshira, yuko bizomara
igihe n'ibihe n'igice c'igihe ;…

Aha, turabishitsemwo, "igihe, n'ibihe, n'igice c'igihe." Ubu rero, nimurabe neza, aho tuzoshikira kuri ya mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli, muzobona ico bisigura. Aho ni ho rya banga rizohishurirwa. Neza cane. « Igihe, n'ibihe, n'igice c'igihe. » … Kand'ati ni bamara… (« Ya », umuvugwa, aho, antikristo)… guca ubwoko bwera ubunywenywe (ibi, ni igihe asambuye isezerano ryiwe, hagati mu ndwi.), ivyo vyose bizoba bishize. Ndavyumva, ariko sinabitahura ; nca ndabaza, nti Databuja, ikizoherukira ibindi muri ivyo n'ikihe ? Aranyishura, ati igire, Daniyeli, kukw'ayo majambo ari akabanga ; amatanishijwe ishashara idomyemw'ikimenyetso, gushitsa… [Mwene Data Branham araruhutse. Ikoraniro rivuze riti : « Iherezo ! » - U] Oh, cane cane ibi ntimuvyibagire. …gushitsa igihe c'iherezo. Benshi bazotunganywa, bezwe,

bavugutirwe ; arikw'abanyakibi bazoshishikara gukora ikibi, kandi nta n'umwe mu banyakibi azobitahura ; arikw'abagize ubwenge bazobitahura.

66 Ubutumwa bw'igihe c'iherezo buzobihishura ; igihe ca nyuma c'ishengero. Imana ihabwe icubahiro. None raba ! Oh ! la la ! kuvyiyumvirako gusa, bimpindisha agashitsi, ibanga ! Ivyo bintu abo mu mashengero biyobagiza bakavuga bati : « Ntivyumvikana. » Ibanga ryo kumenya Yesu Kristo uwo ari We : atari umuperesona wa gatatu, atari umuperesona wa kabiri, atari umuperesona wa gatatu, ariko Imana Yo nyene ubwayo. Ayo yandi mabanga yose y'Imana azohishurwa, kuko vyanditswe ngaha, muri iki Gitabo, kandi azohishuririrwa urunganwe rwo mu gihe ca nyuma. Mu maseminari, amashuri n'amadini, nk'uko Abayuda batashobora kubona ko Yesu ari We Mesiya, ni ko na bo badashobora kubibona. Ntibitangaje kubona bagerageza kubita abasazi. Ntibitangaje kubona bibaza ko muri ibipfu. Ntibitangaje kubona badatahura igituma mudatoragura hamwe na bo. N'uko hariho ubushobozi n'ico muca mubonamwo, Ijambo ry'Imana ryahishuwe, kugira ngo ritegure ishengero kugira ngo rizozamurwe ritahe i muhira. Ego. « Benshi bazokwiruka hirya no hino; maze ubwenge buzogwira. » Nta nkeka.

67 Nuko, ikindi kintu kizomenyekana, ni iki? Raba amashengero ya kino gihe. Ni vyo tugezeko. Ndizigira ko bidatsitaza, ariko birakwiye ko ndabivuga.

Yiyerekana ngo…

Kuri uwo musi, hari antikristo azoseruka.

Ubu rero, nimwibuke, aho tuzoshikira kuri bimwe bimatanije ca Gitabo, umwe Antikristo, abandanya agendera kw'ifarasi muri bimwe bimatanije ca Gitabo uko bigenda bikurikirana. Daniyeli yarabivuzeko hano, avuga kuri "Segaba azoza". Ko azokurwaho, Yesu agakurwaho, kugira ngo atangire abantu impongano. Ariko, "Uwo Segaba, azohaguruka, azozana ikizira gitera kugeseza‶, bwari Uburoma burongowe na Titusi. N'ubu rero, ni Segaba avuye i

Roma azobikora. Kandi azohishurwa mu misi ya nyuma, umvirize neza, 'yiyerekana ngo n'Imana‶, nk'uko Mpwemu Yera abitugabishako mu 2 Ab'I

Tesalonike igice ca 2…Tuharabe, 2 Ab'i Tesalonike, igice ca 2, umurongo wa Dutangurire haruguru, ku murongo w'7.

Kukw'ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora,… (Aha ni Paulo, avuga avugishijwe na Mpwemu Yera.)… mugabo har'ubibuza none, gushitsa igihe azokurirwaho. Iki ngo « hari uwu - », ni nde ? Mbega hariho uwumuzi ? Mpwemu Yera ; « Ubibuza ». Niho (ryari) wa mugarariji azohishurirwa, … Ryari ? Ni neza na neza igihe Mpwemu Yera azokurwaho ; kandi muri iki gihe ariko aritegura kugenda. Kubera iki agenda ? Agenda ajanye Ishengero. « Azohishurirwa », ni Paulo avuga, ahumekewe.

…umugarariji, umwe Umwami Yesu azokwicisha impwemu ziva mu kanwa kiwe, azomutituza uguseruka kw'ukuza kwiwe (umugarariji, koko). Ukuza kw'uwo mugarariji kuri mu buryo bw'inkomezi za Satani, kuri n'ubushobozi bwose n'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma, « Turi Ishengero rinini cane. Dufise ibi. Dufise n'ibi. Mwese hamwe, muje hamwe, murabibona. Ni twebwe dukomeye kurusha abandi ». Ibitangaza vy'ibinyoma !

N'ubugunge bwose bwo kugabitanya ku bahona, kuko batemeye gukunda ivy'ukuri ngo bakizwe. Ni co gituma Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo, ngo bizere ibinyoma : kugira ngw'abatizeye ukuri bose, bagahimbarirwa ukugabitanya, bacirwekw'iteka.

Murabitahura ? [Ikoraniro ryishuye riti : « Amen. » - U] Oh! la la! Ni uko, ni uko rero, Paulo ni we ariko aravuga. Igihe ikimenyetso c'Imana gishizwe ahagaragara, Mpwemu wayo, Izina ryayo, ubuntu bwayo, ayo mahanga yose y'igitangaza ariko aramenyekanishwa muri iki gihe, ibikenewe kugira ngo Ishengero rizamurwe ; n'ugusukwa kwa Mpwemu Yera kwatumye ibi biba. Ni co yakoze mu misi y'iherezo.

68 Ubu rero, turabe gatoya. Mbega turafise akanya ko kubona ica nyuma ? [Ikoraniro ryishuye riti: « Amen » -U] Ikigira gatandatu: « Kugira ngw'ahera cane harobanuzwe amavuta. » Oh ! la la ! Aha rero nimuhitondere. Ikintu ca nyuma ategerezwa gukora, ni igiki ? Ubu rero, dusubire rero muri Daniyeli, kugira ngo turabe ivyo ategerezwa gukora vyose ngaha. «Amayinga mirongo irindwi. » Ni ibiki bitegerezwa gushika muri ico gihe ? Ni vyiza cane.

…agerewe ubwoko bganyu n'i… n'igisagara canyu cera, kugira ngw'ibicumuro bishire (Ibicumuro vy'abantu)… n'ivyaha

birangizwe, (kubw'abantu), n'ibigabitanyo bitangirwe impongano, hazanwe ukugororoka kutazoshira (ku bayuda), ivyo weretswe

n'ivyavugishijwe n'Imana ngo bimatanishwe ishashara idomwekw'ikimenyetso (gushitsa mu gihe c'iherezo) ahera cane harobanuzwe amavuta. Ng'ivyo ibintu bitandatu vyatumye amugendera.

69 Ubu rero, « kugira ngo ahera cane harobanuzwe amavuta. » Ivyo ngira mvuge ubu kumbure bija gusa n'ibibabera bishasha gato mu kanya gato, kuri benshi muri mwebwe bigisha, ariko, rero, rindira gatoya, turabe aho dushitse. Aha ntihavugwa kurobanuza amavuta umuntu. Yesu asanzwe yararobanujwe amavuta. Si vyo ? [Ikoraniro ryishuye riti : « Amen » -U]. Mu gitabo c'Ivyakozwe n'intumwa, havugwa ko Yesu Imana yamurobanuje amavuta ya Mpwemu Yera, kandi ko yava aha aja aha akora ivyiza kandi akiza

abarwaye, n'ibindi. Yesu yaramaze… Ni Mesiya. Kandi Mesiya risobanurwa « uwarobanujwe amavuta. » Si vyo ? Ariko ngaha, mu gihe c'iherezo, ategerezwa kurobanuzwa amavuta ahera cane.

« Ahera cane », ni igiki. Uko ndabibona, kandi ndizera ko nshobora kuvyerekana nkoresheje Ivyanditswe, n'uko «kurobanuzw'amavuta ahera cane », rizoba ari rya Hema rizokoreshwa muri ya Nganji y'Imyaka igihumbi. Ubu rero, nimwumvirize, maze muraheza mubone ukuntu ndabishikako. Riravugwa muri Ezekiyeli, mu - mu gice ca 4, i … Oya, nshaka kuvuga mu gice ca 43 umurongo wa 1 n'uwa 6. Turabe muri Ezekiyeli, kugira ngo turabe ukuntu avuga ya Nganji y'Imyaka igihumbi, ukuntu bazorobanuza amavuta a…Ezekiyeli 43, maze turaja kuhasoma agace gatoya, kugira ngo turabe ico azokora muri ya Nganji y'imyaka igihumbi, uko kurobanuzwa amavuta. Muri Ezekiyeli 43, ni uko, none ubu rero dutangurire ku murongo wa 1 gushika ku murongo wa 6. Na none, murashobora kugisoma cose nimwataha i wanyu, abo muri mwebwe bariko barandika, Ezekiyeli 43. « Maze hanyuma a… »

70 Ubu rero, raba neza, havugwa ukuntu rwa rusengero ruzokwubakwa muri ya Nganji y'Imyaka igihumbi ruzoba rumeze. None rero, uwo ari we wese, umusomyi wese amaze kuhasoma arazi ko guhera ku gice ca 40 co muri Ezekiyeli, gushika ku gice ca 44, havugwa gusa rwa rusengero rwo muri ya Nganji y'Imyaka igihumbi, ruzoba rwubatse kw'isi (uwo ari wese ivyo arabizi, murabona), igihe ubwiza bw'Uhoraho buzorwuzurira, n'ibindi, nk'uko. Ubu rero, turaja… kuvuga ingene urwo rusengero rumeze, ku gice ca 43, kuva ku murongo wa 1 gushika ku wa 6.

Maze hanyuma anjana ku kirimba, ni co kirimba c'ahahera i burasirazuba : ngize ntya mbona ubgiza bg'Imana y'Abisirayeli

buje buturutse mu nzira y'i burasirazuba. Ijwi ryayo ryari rimeze nk'ugusuma kw'amazi menshi ; isi ikayanganishwa n'ubwiza

bwayo. Ivyo neretswe vyari bimeze nk'ivyo neretswe igihe nazanwa no guhonya igisagara ; ivyo neretswe vyari bimeze nk'ivyo nerekewe ku ruzi Kebari ; maze nikubita hasi nubamye.

Maz 'ubgiza bg'Uhoraho bginjira mu ngoro buciye mu kirimba gihera i burasirazuba. Mpwemu aranterura, anshikana mu nyubakwa ; ngize ntya, mbona ubgiza bg'Uhoraho bguzuye ingoro.

Maze numva umbarira ari mu ngoro ; nuk'umuntu aca ampagarara i ruhande.

71 Kurobanuza amavuta, kurobanuza amavuta urwo rusengero kubwa ya Nganji y'imyaka igihumbi. Ubu rero, raba neza, mu Balewi, ubu rero, murabe neza, ukuntu mu Balewi rwashikaniwe Imana. Ubu rero, dufashe mu Balewi, turaja kubona ko Mose yarobanuje amavuta urusengero. Tuharabe rero, mu gihe

ariho tukiri. Turacafise akanya. Reka rero tuharabe, kugira ngo turabe igihe Mose yarobanuza amavuta Urusengero, mu Balewi, ku gice ca 8.

Oh, ese ukuntu nkunda guhuza ibi Vyanditswe ! Mweho ? [Ikoraniro ryishuye riti: « Amen » - U] Gurtyo mu - muraja kubona ivyo turondera n'ivyo turiko turakora. Ni uko, kandi murazi neza mwese ko dufata gusa imirongo imwe ngaha, hariya, ivuga kuri ivyo.

72 Nuko rero, igice ca 8 co mu Balewi, kandi ngaha nanditse umurongo wa Mwandike Abalewi 8 : 10. Turabe gatoyi.

Mose araheza yabira ya mavuta yo kurobanuza, ayarobanuza rya hema bo n'ibirimwo vyose, aravyeza. Ayacucagira ku gicaniro ibihetangabo ndwi, arayakirobanuza bo n'ibintu vyaco vyose, bo n'ikigarigari co gukaraba n'intebe yaco, ngw'avyeze. Maz'ayo mavuta yo kurobanuza abahabwa ibango ayasuka ku mutwe wa Aroni, aramurobanura aramweza.

Mose, mu bugaragwa, yejeje canke akarobanuza amavuta rya Hema ryo gusengeramwo, kubw'Abisirayeli, mu rugendo rwabo. Ryararobanujwe amavuta.

73 Ubu rero, muri 2 Ngoma, muharabe maze turaja kuraba ingene rwashikaniwe Imana, igihe Mpwemu Yera yafata ikibanza ciwe mu Rusengero; raba neza ivyaciye biba. Muri 2 Ngoma, igice ca 5, maze dutangurire ku murongo wa 13. 2 Ngoma, igice ca 5, dutangurire ku murongo wa 13.

Nukw'abavuza inzumbete n'abaririmvyi bahuza amajwi, bakumvikanisha ijwi rihuye batazira Uhoraho bamukengurukira, bakavuza ijwi rirengera izo nzumbete na matowazi n'ibintu bicurarangwa, bagatazira Uhoraho, bat'Uhoraho ni mwiza, kukw'ako kanya igicu c'igipfungu gica cuzura mu ngoro y'Uhoraho, bituma abaherezi badashobora guhagararayo ngo bahereze kubw'ico gicu, kuk'ubwiza bw'Uhoraho bwari bwuzuye mur'iyo ngoro yiwe.

Imana yarinjiye Ahera, hategerezwa kurobanuzwa amavuta, kandi yari yahahawe kugira ngo abantu baze kuhasengera. Nuko rero, atari kurobanuza amavuta "ahantu hawe hera", ariko ni kurobanuza amavuta aho hantu, "Ahera cane". Kandi aho hantu "Ahera cane", turabona ko ari Yerusalemu musha. Kandi ukurobanuzwa amavuta kuzoba kuri Yerusalemu musha, uzomanuka uva mw'Ijuru, ku Mana, witeguwe nk'uk'Umugeni asharizwa umugabo wiwe. Ugusigwa amavuta kuzoba kuri kuri bo.

74 Ni uko, kandi igihe Zorobabeli yashikanira Imana urusengero rwiwe, inyuma y'aho rusubiriye kwubakwa, ntirwongeye kurobanuzwa amavuta, kuko rwari rwaramaze kurobanuzwa amavuta; rwari rwaciye rusamburwa, maze ruca

rusubira kwubakwa gusa. Rwari rwarasambuwe. Rwari rwongeye kwubakwa no kuvyurwa, gurtyo ntirwari rugikeneye kurobanuzwa amavuta. Rumaze kurobanuzwa amavuta, ntivyatitutse kandi biracari uko na bugingo n'ubu. Ariko igihe Imana izoshiriraho rya Hema ryo muri ya Nganji y'imyaka igihumbi, azorobanuza amavuta ahera cane; atari "ahantu hawe hera", ariko "Ahera cane". Ariko igihe Umwami azogira ku ngoma ngo aganze imyaka igihumbi (Imana ihabwe icubahiro!) Ico gihe kuri ryo biba birangiye, ugusigwa amavuta kw'ahera cane, ni co kintu ca nyuma kizoba.

75 Ihema rimaze guhagarikwa, ukuzuka kwabaye, Abayuda bamaze kugarukanwa, Kristo n'umugeni wiwe bamaze gushika, Abayuda bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine badomweko ikimenyetso, ya nganji y'imyaka igihumbi yashitse. Hazoba ukurobanuzwa amavuta, igihe aho hantu, ahera cane hazoba harobanujwe amavuta; ahantu hera, ahantu hera cane, n'Ahera cane. Aho hantu, ahera cane hari abera aho Imana yaguma, ikikujwe n'abakerubi. Kandi ubu naho, ni Kristo azokwama ari aho hantu, Ahera cane, n'ugusigwa kuzoba kuri We. Kandi aho, nta zuba rizokenerwa, kuko Umwagazi w'intama ari We Muco umurikira igisagara. Muri ico gisagara, izuba ntirizokwigera rizima, nk'uko umushingantahe data wacu Jim yama abivuga. Ntirizokwigera rirenga namba, kuko Kristo azoba ari We uwo Muco, uwarobanujwe amavuta. Ni ho rero wa Mwami azoza kwicara ku Ntebe yiwe kugira ngo aganze ya myaka igihumbi.

76 Yeremiya 3: Kuva ku murongo wa 12 gushika ku wa 18 urimwo, reka tuhasome. Ndibaza ko ari muri Yeremiya igice ca 18. Ego. Oya, igice ca 12, mumbabarire, igice ca 12 co muri Yeremiya, maze dutangurire ku - ku… Yeremiya 3, mumbabarire. Ni Yeremiya 3 nari nanditse ngaha, igihe nariko ndarimbura, igihe nariko ndahigako; maze Mpwemu Yera akaba andongora anyereka aha na hariya, maze naciye nihutira kuvyandika ningoga bishoboka. Yeremiya 3, n'imirongo ya 12 gushika ku wa 18 urimwo. Reka tuhasome.

Genda uvuge aya majambo werekeye I buraruko, uti Garuka, yewe Isirayeli Inamusubiranyuma, ni jewe Uhoraho mbivuze.

Sinzokurabana ishavu, kuko nd'umumnyembabazi, ni jewe Uhoraho mbivuze; kandi sinzokwamana uburake imisi yose. Pfa kwemera gusa ukugabitanya kwawe, ko wancumuyeko, jewe Uhoraho Imana yawe, ugakwiragira irya n'ino ku mana z'inyamahanga musi y'igiti cose gitotahaye;…

Ni vyo bakoreye i burasirauba, I burengerazuba, mu mahanga yose.

Murabibona?

… ntiwumvire ijwi ryanje, ni jewe Uhoraho mbivuze. "Garuke!" Ni mwumve ibi.Garuka, mwa bantu basubiye inyuma, ni jewe Uhoraho mbivuze, kuko jewe nd' (u-mu-ga-bo) wanyu, nd'umugabo

wanyu;… "Amaso yabo yarahumishijwe, kugira ngo mpe amahirwe abanyamahanga. "Ariko nimugaruke, kuko jewe ndi umugabo wanyu."

…; umwe ndamukuye mu gisagara kimwe; babiri mu muryango umwe;… Abiyita Abayuda bose si bo bazokwinjira, ariko ni uwo mugwi mutoyi watoranijwe uzokwinjira, kamwe ka Benyamini kahagaze imbere ya Yosefu, hariya, uwo mugwi utorwa mu mahanga yose, umwe ukuwe mu gisagara kimwe, no mu muryango umwe.

… kandi nzobagarukana i Siyoni, mbahe abungere bameze nk'uk'umutima wanje ugomba, bazobaragirana ubwenge no gutahura. Maze mur'iyo misi, ni mwamara kugwira no kurondoka mu gihugu, ni jewe Uhoraho mbivuze, ntibazoba bakivuga isandugu y'Isezerano ryanje, jewe Uhoraho, kandi ntibazoba bakiyiyumvira canke ngo bayibuke; ntibazoba bakiyikumbura, canke ngo babe bagisubira kubaza iyindi. Ico gihe bazokwita Yerusalemu intebe y'Ubwami bwanje (kukw'azoba ari aho, murabona), jewe Uhoraho, kand'amahanga yose azokoranirizwa (Haleluya) i Yerusalemu mw'Izina ryanje, jewe Uhoraho: ntibazoba bakigendera ukundi mu budadarare bw'imitima yabo mibi.

77 Ico gihe rero ni ho ico Gisagara kizorobanuzwa amavuta. Ico gihe rero ni ho Yerusalemu musha izorobanuzwa amavuta. Kandi amahanga yose yo muri ico Gisagara… Mu Vyahishuriwe Yohana, igice ca 22, havugwa ko imiryango itazokwugarwa mw'ijoro, kuko hariya nta joro rizobayo. Kandi abami bose bo kw'isi bazozanayo icubahiro cabo n'ubwiza bwabo muri ico Gisagara. Ibisika vyaco bizoba vyubakishijwe utubuyenge twitwa Yasipi n'utwitwa Sarudiyo, vyubakishijwe ubwoko 12 bw'amabuye; kandi imiryango cumi n'ibiri izoba yubakishijwe n'akabuyenge kamwe, kamwe kuri buri muryango. Nta tara rizokenerwa hariya. Nta muco w'izuba uzohaba, kuko Umwagazi w'intama ari We azoba Umuco umurikira ico Gisagara. Kandi azojana ubwoko bwiwe mu Bugingo budashira. Aho hazoba hariyo ibiti bibiri, kimwe kimwe kizoba hirya no hino y'urwo ruzi, kandi bizokiza ubwo bwoko indwara. Ng'ico icarobanujwe amavuta kizoza, igisagara cururuka kivuye mw'ijuru, kizananye ku Mana, kiza kw'isi.

78 Ubu rero turabe ibizoba muri ico gihe. Oh, ibi murabikunda? [Ikoraniro ryishuye riti: "Amen" -U] Reka dufate Yesaya 65 akanya gato. Vyukuri ni vyiza cane ku buryo tutobirengana. Vyukuri ni vyiza cane ku buryo tutovyirengagiza. Kumbure harashushe bukebuke, ariko turabandanya tuja imbere.

Yesaya 65; nimwumve ibizoba muri ico gihe. Maze rero wibaze ikibazo, munyavyaha, mugenzi, umenye namba ushobora kwemera ko ivyo bibacika.

Yesaya 65, dutangurire ku murongo wa 17. Ubu rero nimwumvirize neza, mwese, ubu rero. Ibi biba muri ya Nganji y'imyaka igihumbi, igihe ahera cane harobanujwe amavuta.

Kuko raba, ndarema ihuru risha n'isi nsha; ivya mbere ntibizokwibukwa, kandi ntibizoruha vyiyumvirwa. Ariko munezerwe, muze muhore muhimbawe n'ivyo ndema; kuko raba, ndema Yerusalemu… ndema Yerusalemu (iyi ni Yerusalemu MUSHA) ngo mpagire umunezero, n'abantu baho ngo ndabagire akanyamuneza.

Ugusigwa amavuta n'iki? Umunezero w'Uhoraho.

…ndema Yerusalemu ngo mpagire umunezero, n'abantu baho ngo ndabagire akanyamuneza. Kandi nzohimbarwa n'I Yerusalemu,…

Umwami ku Ntebe, ku Ntebe y'icubahiro y'Ubwami, ku Ntebe ihoraho, n'ubwoko buhoraho, bufise umunezero Uhoraho, mu gisagara gihoraho! Oh! la la!

Kandi nzohimbarwa n'I Yerusalemu, nezerwe n'abantu banje:

Kand'ijwi ryo kurira ntirizohumvikana ukundi, cank'ijwi ryo kuboroga. Ntihazokwongera kubamw'abapfa bakir'inzoya, cank'umutama adasozereye imyaka yiwe; kuk'umwana azopfa amaze imyaka ijana, kand'ukenyutse ntashitse ijana azoba yavumwe. Ntibazokwubaka ngw'abandi binjire (ni ukuvuga yuko niwapfa, maze umuhungu wawe agatorana ivyawe),… ntibazokwubaka ngw'abandi binjire; ntibazorima ngw'abandi babirye : kuko nk'ukw'imyaka y'igiti ingana arikw'abantu banje bazoramba, kand'abo nitoranirije bazoshitsa igihe kirekire banezererwa igikorwa c'amaboko yabo. Ntibazoruhira ubusa, kandi ntibazovyara abo kugesezwa, kuko bazoba ar'uruvyaro jewe Uhoraho nahezagiye, bo n'abazobakomokako. Maze batarampamagara, nzobitaba; … (Uku gusigwa amavuta gutangaje, kuri inyuma y'umukerubi)… nzobitaba; kandi bakivuga nzokwumva. Ibingira n'umwagazi w'intama bizorishanya ; intambwe izorisha ubwatsi nk'inka ; kand'umukungugu ni wo uzoba ivyo kurya vy'inzoka. Ntibizoryana canke ngo bigire ico vyica ku musozi wanje wera iy'uva ukagera, ni k'Uhoraho agize.

(Murashobora kwemera kw'ibi ko bibacika ? Oya !)

79 Reka dusubire rero inyuma gato, ni Yesaya kandi yongera kuvuga, ku gice ca 11, kuva ku murongo wa 1 gushika kuw'9. Umvirize kandi ivyo avuga ngaha, igihe yaronka ukwerekwa, amaze kubona ba bagore, ukuntu bigenza mu misi ya nyuma. Ne…Nuko, Yesaya 11, ku murongo

wa 1.

Ku gishitsi ca Isayi hazobaduka agashami, kand'umunago wanaze mu mizi yiwe azokwama. (yari nde ? Kristo.) … mu mizi yiwe. Mpwemu w'Uhoraho azoba kuri we, impwemu y'ubwenge n'iy'ugutahura, impwemu yo kuja inama n'iy'ubushobozi, impwemu y'ukumenya Uhoraho n'iy'ukumwubaha. Ikizomuhimbara n'ukwubaha Uhoraho; ntazocira urubanza ku bipfa kubonekera amaso yiwe, kandi ntazorushinga ku vyo apfa kwumvisha amatwi; arikw'azocira aboro imanza zibereye, kand'azoshinga urw'abaciye bugufi bo mw'isi mu kuri: azokubitisha isi inkoni ivuye mu kanwa kiwe, kand'abanyakibi azobicisha impwemu ziva mu minwa yiwe. Ubugororotsi buzomubera umukanda, mu rukenyerero, mber'ukwizigira kuzomubera umukanda mu mafyinga. Ibingira rizobana n'umwagazi w'intama, n'ingwe izoryamana n'umwagazi w'impene (isuguru), n'inyana n'umugunza w'intambwe n'ishuri ishishe bizobana, kand'umwana mutoya ni we azobishorera. Inka izorishanya n'igikoko citwa idubu: izazo zizoryama hamwe,

kand'intambwe izorisha ubwatsi nk'inka. Umwana yonka azokinira ku mwobo w'imamba, n'umwana acutse azoshira

ukuboko ku mwimba w'imvuvyi. Hose ku murwa wanje wera ntihazoba hakiri ibiryana cank'ivyica; kuko kumenya Uhoraho kuzoba kwuzuye mw'isi, nk'ukw'amazi ubugereye mu kiyaga. Him ! ibi bizobera muri Yerusalemu NSHA. « Iyo Yerusalemu NSHA » Umunago, ni umunago wo ku gishitsi ca Dawidi. « Ni umunago akaba n'uruvyaro. »

80 Nuko rero, hanyuma y'ibi, umugeni aca aseruka. Hanyuma ya ya mayinga mirongo irindwi, Umugeni aca aseruka, mu Vyahishuriwe Yohana, mu gice ca 19, umurongo wa 1 n'uwa 16. Aza azananye n'Umukwe wiwe, Umwami w'inkomezi. Oh ! la la ! Sinzi ko tuja kubibona vyose. Twahashitse rero… Nuko rero n'imiburiburi dupfume dusoma bimwe muri ivyo. Aho ni ho Umugeni aca ashika, hanyuma y'ibi. Murabibona? Ya Nganji y'imyaka igihumbi imaze gutangura, ni ho Kristo aca agarukana n'Umugeni. Nuko, kuva ku murongo wa 1 gushika ku wa 16, mu gice ca 19.

Hanyuma y'ivyo,… Hanyuma y'ivyo vyago bikomeye, hanyuma y'ayo marushwa, hanyuma y'ibimatanije ca Gitabo, hanyuma y'amahano, hanyuma y'aho Satani akororewe, hanyuma y'aho ya

Nganji y'imyaka igihumbi itanguriye. Nimurabe neza! Hanyuma

y'ivyo numva mw'ijuru ikimeze nk'ijwi rirenga…ry'ishengero

ryinshi, riti Haleluya; agakiza, n'ubwiza, ububasha…n'ivy'Imana

yacu, Kukw'amateka yayo ar'ay'ukuri n'ukugororoka.

Yaciriyekw'iteka umwe maraya w'agahebuza, yononesha abari

mw'isi ubusambanyi bwiwe, kand'imuhoye amaraso y'abagurano

bayo. Rivuga ubugira kabiri, riti Haleluya. Kand'umwotsi wiwe

upfunduka ibihe bitazoshira.

Ibi, ni rya shengero maraya rishaje, "Umwotsi wiwe upfunduka."

Ba Bakuru mirongwibiri na bane na vya binyabugingo bine

vyikubita hasi, bisenga Imana ivyagira kuri ya Nteba, biti Amen;

Haleluya. Ijwi riva kur'iyo ntebe rivuga, riti Ni mushime Imana

yacu, yemwe mwese abagurano bayo, abayubaha, aboroshe

n'abakomeye. Numva ikimeze nk'ijwi ry'ishengero rinini,…

Nimwumve! Turahashitse, Shengero. Mu gice ca 3, rimaze kuduga, ngiri riraje.

Murabibona? Maze ubu rero umurongo wa 6.

Numva ikimeze nk'ijwi ry'ishengero rinini… Nimwumve! Turahashitse, shengero. Mu gice ca 3, rimaze kuduga, ng'iri riraje.

Murabibona? Maze ubu rero umurongo wa 6.

Numva ikimeze nk'ijwi ry'ishengero rinini, n'ikimeze nk'ugusuma

kw'amazi menshi, n'ikimeze nk'ijwi ry'imituragaro ihambaye,

kivuga, kiti Haleluya, kuk'Umwami Imana yacu ishobora vyose

ihangamye.

Haleluya! Nimurabe neza! Aho niho haca haba ubukwe bwa wa Mwagazi

w'intama. Ng'iryo riraje. Tunezerwe, duhimbarwe, tuyihe icubahiro,

kuk'ubukwe bwa wa Mwagazi w'intama bushitse, umugeni wiwe ariteguye,

(Nguyo araje, bompi, Umugeni n'Umukwe)

Kandi yahawe kwambara impuzu zera nziza, zikayangana,

zitanduye; izo mpuzu zera nziza ni zo bikorwa vyo kugororoka

vy'abera.Umumarayika arambarira, at'andika, uti Hahirwa

abatorewe gutaha ubukwe bwa wa Mwagazi, Kand'arambarira,

at'ayo n'amajambo y'ukuri y'Imana. Nikubitishwa hasi imbere

y'ibirenge vyiwe no kumusenga. Arambarira, at'oya sigaho;

nd'umugurano mugenzawe, kandi ndi mugenzi wa bene So bafise

ivyo gushingira intahe Yesu: Imana ba ari Yo usenga.

Kukw'bashingira intahe (ya Yesu) Yesu baba bavugishwa na

Mpwemu. Mbona ijuru ryuguruye kandi…mbona ifarasi y'igitare

(Oh!la la!) Uyivyagiyeko yitwa Mwizigirwa, irindi ni Munyakuri,

Aca amateka akarwana…mu bugororotsi. Inyonga ziwe n'imbeya

z'umuriro,… no mu mutwe yambaye imigara myinshi;… Afise icubahiro giki? «Umwami w'abami».

…kand'afise izina ryanditswe, nta wurizi atari We wenyene.

Yambaye impuzu zajobetswe mu maraso, kandi yitwa Jambo w'Imana.

«Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yari Imana. Kandi uwo Jambo yihaye umubiri, abana natwe» Uwo yari nde? Yesu. …yitwa Jambo w'Imana. Ingabo zo mw'ijuru ziramukurikira, zicaye ku mafarasi y'ibitare, zambaye impuzu nziza zera derere, zitanduye. (Ubwiza! Ng'uyo araje) Mu kanwa kiwe havamw'inkota ikarishe, kugira ngw'ayikubite amahanga. Azoyaragiza inkoni y'icuma, Kand'aganishiriza ibirenge mu bwato vino y'uburake bw'inkazi bw'Imana ishobora vyose. Kandi ku mpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko, ng'UMWAMI W'ABAMI, UGANZA ABAGANZA.

81 Hari habaye iki? Ubwoko bwiwe bwari buhejeje kumwambika igitsibo nk'Umwami w'abami n'Uganza abaganza. Yari agarutse kw'Ihema ryiwe ryera, ryasizwe n'ubwiza bwo mu nyonga z'Imana, kugira ngo abeho aganzanya n'ishengero ryiwe mu kiringo cose ca ya nganji yiwe y'imyaka igihumbi, Amen! Aza azananye n'Umwami w'inkomezi, kugira ngo afate ikibanza ciwe I ruhande yiwe; Ihema rishasha ry'ubwami rirobanujwe amavuta.

Rero vya bituma bitandatu vyo mu Vyahishuriwe Yohana 6: 1 gushika mu Vyahishuriwe 19: 21 vyarashitse.

82 Ubu rero nimwumvirize, kugira turangize. Bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, za nzamba ndwi, za nzavya ndwi, vya vyago bitatu, wa mugore yambaye izuba, wa murwanizi, canke ca gisato c'amahero gisa n'ikibengebenge, cakorowe, ivyo vyose bishika muri ico gihe, mu gihe ca vya vyago bihambaye. Ntimuvyibagire. Ivyo bintu vyose biba muri ico gihe. Ariko raba vya bituma bitandatu vy'ukuza kwiwe. Muravyizera? [Ikoraniro ryishuye riti : «Amen.» - u] Mbega ibihe vyiza birindiriye abakunda Umwami! Bagenzi banje ndabibabwiye, ntidushobora kwemera ko ibi biducika. Ivyo mwogira vyose, ibi ntibibacike. Nimubizirikaneko neza!

83 Ku w'iyinga uza rero, Umwami abikunze, akamfasha, nzokwerekana neza, umusi umwe umwe wose aho ivyo vyabereye muri iyo misi ndwi, mbanje kugaruka kuri ibi bintu nyene vy'uyu musi no kwerekana ikibanza c'ivyo bihe ndwi, ya mayinga ndwi, ya mayinga mirongo irindwi, neza na neza ahari ahera h'Abayuda, ya mayinga mirongo irindwi, hanyuma nerekane neza na neza igihe turimwo, aha, kw'iherezo; Umwami abikunze.

84 Muramukunda? [Ikoraniro rivuze riti : [«Amen» - U] Mwoshobora kwemera kwihushisha ijuru? [«Oya»] Turi mu gihe ca nyuma! None azoba aje

gukora iki? Ikizoba ubwa mbere, imbere yuko Yesu agaruka kw'isi, ni igiki kizotangura gushika? Ishengero rizoca rigira (gute?), rizamurwa. Mbega Yesu azoza kw'isi, aje gutembera kw'itongo ry'abapfuye, aramutse papa na mama, atuvugishe twese ngaha, maze aduge? Oya! Bizogenda gute? Ng… Ng'iki ico tubabwira gihuje na na - gihuje n'Ijambo ry'Imana «twebwe abazoba bakiriho…» II Ab'i Tesalonike, igice ca 5 [ni I Ab'i Tesalonike, igice ca 4 - U] : «Yuko twebwe abazoba bakiriho, dusigaye gushitsa ku kuza kw'Umwami wacu, tutazokwitangira imbere y'abasinziriye na gatoya, kukw'inzamba y'Imana izovuga, maz'abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka; maze natwe abazoba bakiriho, dusigaye, tuzoca duteruranwa na bo mu bicu, dusanganire Umwami mu kirere. » Tuzozamurwa mu kanya isase, nk'ako gukubita urugohe. Ni muri ico gihe nyene igihe c'ishengero kirangirira.

85 Hanyuma, aha kw'isi, Imana ica itangura gukorana n'Abayuda. Hazoba abavugishwa n'Imana babiri, mu gice ca 11, turaza kubishikako, - Abavugishwa n'Imana babiri barobanujwe amavuta, nka Eliya na Mose, kandi nibaza ko ari bo. Bazorekurira hasi imivumo ikomeye, bamaze kubona ko bagize idini, kandi ko ubu Roma bwanyuranije n'isezerano ryayo, uwo Segaba. Hagati y'iyinga ya mirongo irindwi, azokwica isezerano ryiwe n'Uburoma, canke Uburoma buzokwidohora kw'isezerano ryabwo n'Abisirayeli, kandi kubw'ivyo Ubuyobe buzoca butangura gukwira hose. Kandi ni ho hazogwira ya segenya ikomeye, igihe abasigaye bo mu banyamahanga, inkumi isinziriye… ca gisato, Uburoma, yaciriye mu kanwa kiwe amazi, kugira bugwanye abo mu ruvyaro rwa wa mugore basigaye bitondera Ivyagezwe n'Imana. Ni Uburoma buzokora ivyo.

86 Ishirahamwe ry'amashengero rizobakoraniriza mw'idini, kandi rizokwinjiza Abayuda mur'urwo Runani rw'amadini, rizobasubiza gusengera mu rusengero rwabo bwite ubundi busha, nk'uko UKU NIK'UHORAHO AGIZE yo muri Bibiliya ivuga, kandi bazogira ishengero ryabo bwite. [Mwene Data Branham akubise kenshi aho avugira ubutumwa. - U]
Ubu bari iki? Ubu ni ho nkibitahura. Biracari bishasha. Ubu ni ihanga rizwi. Si vyo ? Ikoraniro ryishuye riti : [«Amen» - U]. Kimwe gusa, ntibaratangura gusengera mu rusengero rwabo. Kandi aho bazotangurira gusengera mu rusengero rwabo, Ishengero rizoba ryagiye. Imana izoca ikorana rero n'Abayuda nk'ihanga. Muri ico gihe, aho bazokwinjirira muri urwo runani, Uburoma buzokwidohora [Ni rya Sezerano hamwe n'Abayuda. -] hagati mu mwaka ugira uwa mirongo irindwi, imyaka itatu n'igice, buzodohoka kw'isezerano bwagiraniye na bo, kandi buzokora vyose kugira ngw'ubwo buyobe buzana ukugeseza bukwira hose gushika kw'iherezo. Ni ho rero buzobahama bompi, abaporoti n'Abayuda. Muri ico gihe, abo bavugishwa n'Imana babiri bazohaguruka kandi bazovuma isi, ku buryo hatazoga imvura mu

misi y'ukuvugishwa kwabo. Kandi bazokorora umuriro uva mw'ijuru, n'ibindi.

Nimurindire gusa. Turacasigaje ibintu vyinshi vyo kwiga, ngaha, bibitswe.

[Mwene Data Branham akubise incuro zitatu aho avugira ubutumwa. - U]

87 Oh, mbega Imana y'igikundiro ! Mbega Data yuzuye imbabazi ! Bagenzi banje, nk'umwungere wanyu, nimunyemerere ndababwire ibi. Ntimushobora kubona amahirwe mufise. Ntimushobora kubibona. Abagabo benshi bakomeye, abera benshi, ibihumbi vy'abera bapfuye muri iyi myaka iheze, abantu buzuye Mpwemu Yera, bari bokwifuje kubona umusi murimwo. Mwebwe na jewe tubibonerweho.

Duhindukirize amaso yacu ku bindi biki ? Inyuma y'ibi, dukore iki ? Tuja hehe ? Mbega hagiye gushika iki ? Birakwiye ko tuja ahantu hamwe.

Ntimushobora kuguma ngaha ibihe vyose, mushobora gutema utwatsi ; indwi ikurikira, birakenewe ko mudutema ubundi busha ; ego, incuro zibiri, kugera ico

gihe. Murashobora kurera abana banyu. Murashobora kubagaburira isaha zitandatu ; mu gihe c'ivyo kurya vyo ku mugoroba, baba bashonje kandi. Murabaha ivyo kurya igihe co kurya co ku kagoroba, baba bongeye gusonza bukeye mu gatondo. Murabagurira umwambaro w'ibirato; nimba bameze nk'abanje, nko mu gihe c'amezi abiri canke atatu, muca mubagurira ikindi kirato. Murabagurira impuzu uku kwezi ; mu kwezi kumwe canke abiri muca mubagurira izindi mpuzu. Ego nimurabe. Nta na kimwe kiramba. Nta na kimwe kirama. Nta na kimwe gifashe.

Ntukifuze ubutunzi bw'iyi si ata co bumaze

bushira ningoga cane, shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

bitazoshira namba!

Ibihe bihinduka ningoga,

Kw'isi nta kidahinduka;

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Fata ukuboko kw'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Nimwumvirize!

Ku mpera y'urugendo rwacu, (azotumenyesha aho ruzoherera).

Nimba twabereye Imana abizigirwa,

Icicaro ciza cacu mu bwiza (Ico gisagara carobanujwe amavuta),

Ubugingo bwacu buhimbawe buzocihweza!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Ntukifuze ubutunzi bw'iyi si ataco bumaze,

Bwononekara ningoga cane,

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Bitazoshira na mba!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho, Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Mu gihe twunamitse imitwe, nimba mutarafata na rimwe ikiganza ciwe, nimuze rero mubikore ubu.

Gumya ikiganza c'Imana nzima

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

88 Ewe nkumi, uri agakobwa keza muri iki gihe. Ufise imishatsi myiza, ufise udutama twiza dutukura. Ariko, urazi, igihe azotera ibara ryayo ni vuba cane nk'aho ari nk'ejo. Ni nde azi nimba, iyinga riza, inyo zitazoba ziriko zirarya utwo dutama twiza dutukura, mw'ivu?

Ewe musore mwene Data, urakomeye ufise inguvu nyinshi; wuzuyemwo imigambi ya kazoza. Ariko mu gihe gito, biri hafi cane nk'aho ari nk'ejo, iyo mishatsi myiza ihinze izotangura gukoroka, maze inyo zizotangura kurya amaboko yawe n'umubiri wawe. Bazogutwara kugira ngo bagushire mw'ivu.

Rero, Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Bitazoshira na mba! Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Nshaka ko muduza ikiganza kugira ngo mufate Iciwe, ubu rero.

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Nuko, ku mpera y'uru rugendo (Umusi umwe, uzoshika)

Nimba warabaye umwizigirwa ku Mana,

Icicaro cawe ciza mu bwiza,

Ubugingo bwawe buhimbawe buzocihweza!

Rero, genda, gumya ikiganza c'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

89 Narabonye ibintu vyinshi, hagira hashire imyaka mirongo itatu n'umwe mpagarara aha havugirwa ubutumwa, Narabonye ibintu bibabaje, narabonye ibintu vyiza cane. Ikintu kibabaza cane nabonye mu buzima bwanje… Nubwo bimeze uko, narabonye abana bariko barapfa bahitanywe n'inzara mu

mabarabara, narabonye abavyeyi bariko barasegerereza kugira ngo baronke

ikimanyu c'umukate. Ikintu kibabaje ntari bwigere mbona, ni ukubona umugabo, ikiremwa-muntu, yobaye ari umwana w'Imana, ariko agapfa

atamenye Imana.

90 Ndibuka umugore umwe yari ari ku muryango wa runo rusengero, umusi

umwe ku mugoroba, akankekeza. Yavuze ati: «Sinokwemerera n'inka yanje ngo

isenge nk'uko asenga!» Ata n'isaha irahaca, baciye bantumako mu bitaro.

Umugore mwiza, afise nk'imyaka mirongo ibiri n'ibiri, yariko aranihira ngo:

«Nimutumeko wa muvugabutumwa! Yari umukatolika.» Nshitse, mushiki wacu

w'umutamakazi yavuze ati: «Mwene Data Branham, mushitse harenze. Haciye

nk'iminota itanu apfuye.» Naciye mvuga nti: «Ndashobora kumubona? » Yaciye

ambwira ati: «Yabahamagara anihira, aya ni yo majambo yiwe ya nyuma ngo:

Nimutumeko wa muvugabutumwa, mwene Data Branham!» Umugabo wiwe ni

ho yari ari, kandi yariko arakoma induru avuga ati: «Nimumusengere!

Nimusenge!» Naciye mvuga nti: «Ubu harengeranye ». Nca ndapfukura. Yari afise amaso manini ashaka kwirabura. Yari umugore

mwiza, afise uduherehere mu maso duto duto duhishiye, imishatsi y'umuyange,

yari uwo kwipfuzwa. Yari yababajwe cane ku buryo utwo duhere duhishiye

twari dusigaye dusa n'amahere. Yari afise amaso yaturumbutse rwose, nk'uku.

Kandi, nk'uko bisanzwe, amara yiwe n'amafyigo vyari vyarushe, ni co caca…

Bishikira abantu benshi, igihe bapfuye. Kandi aho ni ho yari arambaraye,

ameze uko yasamye. Kandi ingohe zari zuguruye igice zisa naho zubikije gato

ku mbonero z'amaso yiwe. Sinzokwigera ndamwibagira. Naciye nibuka iyi

ndirimbo.

Ntukipfuze ubutunzi bw'iyi si ata co bumaze; ubwiza, ugukayangana.

91 Narabanye n'umuntu umwe, hafi y'aha, i Port Fulton, yariko arapfa.

Barampamagaye ndamusanga aho ari ku musego. Umusi umwe ku mugoroba,

nari nasenganye na we, aha ku gicaniro. Yari yagumbiriye umugore umwe.

Naciye ndamubwira nti: «Kura ukuboko kwawe kuri uyo mupfasoni. »

Aranyishura ati: «Ndiko ndamurongorera ku Mana.»

Nca ndavuga nti: «Atari ukumushirako ukuboko kwawe.» Sinizera ikintu

bene ico, Yaciye anshavurira. Aca asohoka adida imigere. Haciye igihe gito

naragiye kumuraba, yari ku mpfiro. Yarandavye mu maso maze aca avuga ati:

«Mwene Data Bill, ntunsengere. Narazimiye. Birarangiye. Aca avuga ati: « Ivyo

nari narakoze vyose gushika ubu, nabitakaje.»

92 Umusi umwe, nari hafi yo ngaha, muri iriya mfuruka, negereye umugabo

yari yampamagaye ari ku musego ku mpfiro. Yaciye avuga ati: «Namye na

ntaryo nipfuza gukora iki na kiriya, iki na kiriya.» Aca aravuga ati: «Ariko

sinigeze nkorera Umwami na mba. Kenshi narihagazeko kugira ngo sinje ku gicaniro.» Aca aravuga ati: «Mwene Data Branham, Senga kugira ngo Imana

ireke agakobwa kanje kabe ari ko gatunganya ivyo nakoze. Kumbure koko koshobora kuzogira ico gakorera Umwami.»

Nca ndavuga nti: «Mwene Data ntibishoboka. Ibintu mwari gushobora gukora, vyararangiye. » Hum!

93 Narabanye n'umugabo umwe, naramubonye arwana n'amadayimoni mu kiringo c'amasaha mirongo ibiri n'ane. Yavuga ko hariho amadayimoni akikuje uburiri bwiwe, hamwe n'iminyororo imukikuje mw'izosi. Yaravuga ati: «Ntuyemerere ngo amfate!» Yariko aranihira; vyasabwa kumugumya, kugira ngo agume ku buriri. Yaravuga ati: «Ng'ikirya. Ntimukibona? Kiraje kuntwara.» Yari yaranse Imana igihe kirekire cane. Yari afise ibizu binini vyose vyuzuye ivyatsi vyumye, vyuzuye ingano, indogoba nziza zo gusiganwa. Umwaka umwe imbere yuko ivyo biba, yari yavumye Imana imbonankubone, yari yakubise amakofe umugore wiwe kuko yari aje gusenga. Murazi none ivyashitse? Inkuba yarakubise ikizu ciwe kinini, yica indogobwa ziwe igirako iturira n'ivyo vyatsi vyiwe. Kandi uwo mugabo yapfuye amaze nk'uku, arwana yikunkumura kugira ngo yikureko amadayimoni ari kuri we.

94 Hanyuma, umugenzi wanje wa kera w'Umusaza, (Imana ihabwe icubahiro!) hariya, yari arangije urugendo. Naciye mvuga nti: «Mbega papa, urigiriye?» Yaciye avuga ati: «Birakwiye Bill» Naciye mvuga nti: «Ivyo bishoboka gute?»

Yaciye avuga ati : «Vyose bigenda neza.» Yaciye avuga ati : «Ntumirako abana banje bahagarare i ruhande y'uburiri.» Yaciye arambika ibiganza vyiwe bidendebukiwe kuri umwe umwe wese mu bana biwe maze arabahezagira. Aca abwira abahungu biwe babiri, arababwira ati : «Shigikira amaboko yanje, muyagumize hejuru, nk'uko Yosuwa na Kalebu babikoze.» Baciye bibaza ico yagira avuge. Yaravuze ati :

Mbega umusi w'umunezero, mbega umusi w'umunezero,
Kuva aho Yesu anyogereje ivyaha!
Yaranyigishije gukesha no gusenga,
No kwama mfise umunezero.

Bagenzi banje, dutegerezwa gushikira bimwe bimwe muri ivyo bintu! Umwe wese ashaka gufungura neza, aronke umuduga mwiza, aronke ikirusha ikindi kuba ciza. Sindabimwankiye. Nta kibi kiri muri ivyo. Imana ishaka ko ivyo biba ivyanyu.

Ariko ntimukipfuze ibintu vy'ino si ataco bimaze, Bishira ningoga cane,
Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,
Bitazoshira na mba!
Ubu rero, tuduze ibiganza turirimba.
Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima.

95 Ubu rero duhaguruke, maze duhindukire kugira tugire abo turamutsa.

Turabandanya igikorane mu kanya gato, ariko nashaka ko mwohindukira, mu

gihe tukiririmba agace k'iyi ndirimbo.

Gumya ikiganza c'Imana nzima!

Bikore Data! Bikore, Data! Ku Mana!

Bikore, bikore wa muyabaga we!

Bikore, mwene Data! Bikore, mwene Data!

Shira ivyizigiro vyawe ku bintu bihoraho,

Gumya ikiganza c'Imana nzima.

96 Ntimunezerewe kubwiwe? Nimuvuge muti: «Amen!» [Ikoraniro ryishuye

riti: «Amen!» - U] Abamukunda mwese, muvuge muti: [«Umwami ahabwe

icubahiro!»]

Abizera mwese ko muriko muraja muri ca gisagara kiringaniye, nimuduze

ibiganza. Oh! Akanya gato, imbere y'uko tubandanya turirimba.

Nagenewe ico Gisagara giteye igomwe

(Kugeza ubu honyene bimeze gute?)

Ico Umwami yateguriye abiwe, aho abacunguwe bose

Bo mu bihe vyose bazoririmba ngo «Icubahiro kibe ic'Imana!»

Bakikuje ya Ntebe yera.

Rimwe na rimwe ngira inkumbu z'ijuru,

Hamwe n'ubwiza nzobonayo,

Mbega umunezero nzogirayo,

Umukiza wanje nzomubona,

Muri ico Gisagara ciza cane gikozwe n'Izahabu.

Ibi murabikunda, si vyo? [Ikoraniro ryishuye riti: «Amen.» - U]

Nagenewe ico Gisagara giteye igomwe

Ic'Umwami wanje yateguriye abiwe,

Aho abacunguwe bose bo mu bihe vyose bazoririmba ngo «Icubahiro kibe ic'Imana!» bakikuje ya Ntebe yera.

Oh, rimwe na rimwe ngira inkumbu z'ijuru,

Hamwe n'ubwiza nzobonayo.

Mbeg'umunezero nwogirayo,

Umukiza wanje nzomubona,

Muri ico Gisagara ciza cane gikozwe n'Izahabu.

Muramukunda? [Ikoraniro ryishuye riti: «Amen.» - u]

Nuko Izina ry'Umwami Yesu,

Ni ryo ryokuremesha

Mu magorwa yawe yose

Rijan'ah'uja hose.

N'Izina (n'Izina) ryiza pe! (ryiza pe!)

Baryizigire mw'isi, no mw'ijuru;

N'Izina (n'Izina), ryiza pe! (ryiza pe!)

Barishime mw'ijuru.

Ubu rero, ntimwibagire, ku w'iyinga uza mu gitondo, isaha zitatu n'igice. Kandi tuzogerageza, Umwami abikunze, guheza hakiri kare kugira ngo dushobore gusengera abarwaye: ku w'iyinga uza mu gitondo, isaha zitatu n'igice.

Amavi yose apfukame,

Kw'Izina ry'Umukiza,

N'indimi zize zemere

Ko Yesu ar'Uhoraho.

N'Izina (n'Izina) ryiza pe! (ryiza pe!)

Baryizigire mw'isi

Barishime mw'ijuru.

Nimwumvirize neza iki gitero:

Izina ry'Umwami Yesu

Ni ryo nkinz'ikomeye,

Iyo Satan'aguteye

Tabaza Yesu vuba. (Kandi ivyo biramaze!)

N'Izina (ni Izina), ryiza pe! (Ryiza pe !)

Baryizigire mw'isi,

N'Izina (n'Izina) ryiza cane !

Barishime mw'ijuru. Ubu rero, nshikirije igikorane Umwungere, mwene Data Neville, aze kuvuga amajambo make yo guherezako, ico yoba afise avuga.

MESSAGE hub online

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7

www.messagehub.info